# Kuki Betelehemu Ntoya?

Tucson, Arizona, USA
14 Kigarama 1963

1 Nivyiza kuba hano muri iki gitondo. Kandi ubu ndizera ko tugiye kugira indirimbo y'umwihariko,mwene Data Williams yamye abimbwira, n'umuntu wo mu rusengero rwiwe. [Mushikiwacu umwearirimvye, Uzuza Igikombe Canje, Mwami -Umw.] Nico gituma turi hano muriiki gitondo, kuduza ibikombe vyacu, "Cuzuze, Mwami." Iki nico gihe conyene tufiseamahirwe yo gusaba ivyo. Hazogera igihe aho tuzoba turi hakurya hanyuma icogihe ntituzoba dufise ayo mahirwe. Rero mu gihe tukiyafise, kandidufise n'ubwengebukwiye, ndibaza yuko ikintu kimwe mu bintu ngirakamaro umuntu wese ashoboragukora mu gihe Imana yaduhaye amahirwe yo kubikora, ni ukubikora, kuzuzaibikombe vyacu vyuzure urukundo n'imbabazi vyayo.

2 Hariho umuntu yicaranye natwe kuva kera, atari kera cane, vyongeye, yitavyeImana. Kandi ni agahinda gakomeye mu mitima yacu kubwa mwene Data Williams. Nimwene Data Williams, umukuru w'ishamiryacu hano, se wiwe. So, yari afise imyaka ingahe, mwene Data Williams ? Mirongoumunani n'umunani. Iyo yoba ari hafi imyaka cumi n'umunani, ndibaza, irenga ku -ku…oya,yoba ari, ego, imyaka cumi n'umunani irenga ku gihe casezeranywe. Umugabow'intwari. Ntihaciye igihe kinini cane, twicaye mu gikorane, ndamubwira nti,kandi atari mu buryo bwo kuburira udusoni mwene Data Williams, mvuga nti:"Usa n'uwukiri muto kurusha umuhungu wawe Carl." Ivyo vyerekana gusako uyu munsi tuba turi hano ejo naho ntitube tuhari. Ntituzi aho ico gihe kizozira,igihe kiba kiriko kiraza, ariko turazi yuko kiriko kiraza. Nariko ndibaza,ariko ubugingo ni ikintu gikomeye, ni, ubugingo ni amahirwe.

3 Twaheruka kugira ikigandaro gikomeye, c'umwe yari mw'ishengero ryacu igihekirekire cane, ava i Chicago, yishwe ejo bundi ariko arataha, umuvyeyi. Yariyegereje, ndakeka hafi imyaka mirongo irindwi, we n'umugabo wiwe bari murugendo hariya muri Kansas, Missouri, umwe, igihuhusi gikomeye kiriko kiraba.Umuntu yariko agendesha imodoka, imodoka ita ibarabara, izosi ryiwe ricariravunika ubwo nyene. Kandi ntituzi igihe ivyo bizobera. Iyo jewe…baranterefonye babimbwira maze nca nterefona abana bose hirya no hino mugihugu, ndabibabwira. Kuko, mu gihe ndi nk'umwungere wabo, ni je nategerezwakubibamenyesha. Nibajije ukuntu dushobora kugenda mu buryo bwihuse, kandi aho hari agakarato k'imbombo imbere yanjeyari yankoreye nk'indwiimwe imbere y'aho, arakampa. Kubona gusa ukuntudushobora kujanwa mu buryo bwihuta. Ariko, nimba ubwo, iyaba ubu buzima aribwotwari dufisemwo ivyizigiro vyacu, twoba turi abantu bagowe cane. Yobu yavuze,mu gice ca 14, ati: "Oh, ese iyaba wompishije mu mva ukampisha ahantu h'ibanga."

4 Muramaze kubona ukuntu ivyaremwe bishingira intahe Imana? Turabona ibiti,amababi arava ku biti, kandi ubuzima bwo mu giti buramanuka bukaja mw'ivu, nkomu mva, kandi bukagumayo kugeza uburake bw'ubukonje bukomeye burangiye, hanyumabukongera bukagaruka, buzanye ubuzima bushasha. Ni igishingantahe yuko twongerakubaho. Izuba riraseruka mu gitondo, ari nk'umwana muto gusa, ari irinyantegenke;inyuma y'igihe gito ni iki gihe riba riri mw'ishuri, amashuri yisumbuye;hanyuma sa sita rikaba riri mu nkomezi zaryo zose; hanyuma ku muhingamo rigatanguraguhindukira ku rundi ruhande; maze nimugoroba rikongera rigacika irinyantegenkekandi maze rigapfa. Ariko, iryo siryo riba ari iherezo ry'iryo zuba, rirongerarigaseruka bukeye bwaho kugira ngo rishingire intahe urundi runganwe, yukohariho ubuzima, urupfu, uguhambwa, n'ukuzuka.

Ndetse n'ivyaremwe ahantu hose bivuga kuri We. Kandi ivyaremwe niigishingantahe gikomeye mu bundi buryo, ni ukuvuga ko tudashobora kugira ubuBuzima bw'izuka kiretse bukora mu mugambi w'Imana. Rero, iyo imbuto itewe,hanyuma iyo mbuto ikamera, izana ishurwe rishasha. Ariko itameze, ntizanaishurwe rishasha, nimba idakorera mu mugambi w'Imana. Nyamara, si ukubera gusa koari ishurwe ngo rizuke, ni uko rikorera mu mugambi w'Imana. Nico gituma izubariseruka, kubera ko rikorera mu mugambi wImana. Natwe turazuka mu gihe dukoreramu mugambi w'Imana.

5 Ndizera ko mwene Data Williams yakoreye mu mugambi w'Imana mu buzima, umupapanyawe. Kandi ndabona mugenzi wiwe mukundwa, Umupfasoni Williams, yicaye hano.Umugabo nyawe, iyo ni imwe mu migambi y'Imana. Umupapa, umwe mu migambiy'Imana. Kandi yari yameze kuw'Imana, biciye kuri Mpwemu Yera, umugambinyamukuru w'Imana. Rero, kuvuga ko mwene Data Williams atazozuka ngo yongerekubana natwe, kwoba ari nko kuvuga ko ata -ata kumanuka kw'ubukame bw'igiti kubaho, ko ata guseruka kw'izuba. Ibintu vyosebivuga izuka ryiwe kandi, kuzongera kubana natwe, vyose. Ubwa mbere, izuba,amashurwe, ivyaremwe, ubuzima bw'ibimera, vyose birabivuga. Hanyuma n'Ijambo ry'Imanariramuvugako. Kandi, hampande y'ivyo, kwa kwizera ubwako kuri mu mitima yacu kuradidagizwako tuzongera kumubona. Imana iruhure umushaha wiwe. Nko kwunamira gato uwigezekwicarana natwe igihe kimwe, reka duhaguruke akanya gato.

6 Data wo mw'Ijuru, ntitwigeze namba tugerageza gukora igikorane nk'iki kigamijegusa kubonwa canke kumvikana. Twamye dukorana buri gihe, kugira ngo dutazireUmwana wawe, Yesu Kristo, no gushingira intahe abatamufise, kugira ngo bamubone.Turi, imitima yacu ifitiye ikibabarwe abasigaye bivanye no gutandukanywa namwene Data, uwahoze yicaranye natwe atari kera, uwo kenshi yaba yicaye hano nyenemuri iri shami nyene. Ariko turizera yuko Wamushoboje kubaho ubuzima bwiza,butunganye, kandi ko umushaha wiwe uri kumwe nawe uyu munsi. Muhe iruhukiro, OMana, kugeza kuri wa munsi aho tuzongera

kumubona. Hezagira umuhungu wiwe hano,n'abandi bana biwe, umugore wiwe mukundwa, n'abamukunda, kandi abo ni twebwetwese, Data. Kandi reka tumenye ibi, yuko natwe turi abanyantegenke kandi yukotuzotegerezwa gutaha umunsi umwe, reka rero twitegurire iyo saha ihambaye. Kandi nimba hano hariho muri iki gitondo uwutiteguriyeiki kintu nyene kizoba, reka uyu ube ari wo munsi babwira Umwami Yesu batiego", kandi bamumerere biciye kuri Mpwemu Yera. Kuko tubisavye mw'Izinarya Yesu. Amen. Nimwicare.

7 Ubu rero, tugomba gutangaza a -amatangazo make. Umugore wanje yicaye hariya inyumamuri iki gitondo, naramubwiye nti: "Mukundwa, sinza kuba mukavunamusase…" Vyadusaba kuja mu gisagara hagati tugakora ibintu kanaka.Nca mvuga nti: "Nza gusohoka sa yine." Yaranyitegereje. Mvuga nti:"Ntabaye nasohotse kugeza sa yine, nzokugurira ikanzu zitatu nshashawihitiyemwo." Kubw'ivyo rero nda -ndazi ibigiye kuba, mperanye ikanzu zitatu ubu nyene, kuko ubu iza ari sa yineibura mirongo ibiri. Ariko ndaza kugerageza kwihuta cane uko bishoboka.

8 Turanezerewe kuba hano i Yeriko hamwe namwe bene Data muri iki gitondo, kanditurabatumiye, ku wa mbere ku mugoroba, hariya i Yerusalemu, i Tucson, munzimano iteguwe hariya. Murabona, Phoenix iri mu kiyaya, nka Yeriko. Tucson, ahomba, iri ku musozi, iyo -iyo niYerusalemu. Uri he, Tony? Kuki ata muntu yovuga "amen" ahantu kanakahano. Hano, ubu ndi mu mutego, Tony ntiyigeze anaboneka. Ni vyiza, ejo, cankekuwa mbere nimugoroba, ni inzimano i -i Tucson, kandi twonezerezwa canekoko mwoba hafi hariya, mwokwinjira mukatubona. Icigwa canje muri iryo joro,Umwami abishatse, ni, Twabonye InyenyeriYiwe mu Buseruko none Twazanywe no Kumusenga.

9 Kandi rero itariki cumi n'icenda z'uku kwezi, canke ukwezi kuza, nako, itarikicumi n'icenda z'ukwa -z'ukwa mbere, nzotangura ibikorane vy'umuvyuro hano, muriiyi nyubakwa nyene, muri iyi hoteli ya Ramada hano, hanyuma itariki cumi n'icenda, mirongo ibiri,na mirongo ibiri n'imwe. Hanyuma rero ku mirongo ibiri na zibiri, ndizera,hatangure intuze… itariki mirongo ibiri na zitatu, mfise amajoro ane hano,kandi nk'umuvyuro. Benshi muri mwebwe bene Data bavugabutumwa, vy'ukuriturahimbawe no kuba turi kumwe namwe muri iki gitondo, kandi turabatumiyebivuye ku mutima kuzana abantu banyu. Abo cane cane, bo, muzi hano gisagara bataziYesu nk'Umukiza wabo. Hanyuma, ubwa kabiri, abarwaye kandi -kandi bizera koImana yishura amasengesho, tutegekanya gusengera abarwaye muri ico gihe imberegato y'Igikorane gikomeye co ku rwego rw'igihugu kizobera hano guhera itarikimirongo ibiri na zibiri. Kandi ndazi neza ko mwipfuza kuvyumva, kuko hariabavugabutumwa bahambaye bazoza, kandi ndazi neza ko muzogira ibihe vyiza.

10 Rero, muri iki gitondo, niyumviriye kuvuga hano muri iri shami, aho Phoenixyamye ari ahantu handi ku mutima. Ndakunda Phoenix. Narabaye hano nkiri muto, iWickenburg haruguru gato. Nongera mba aha hepfo ku rya Cumi na Gatandatu n'iryaHenshaw. Ico gihe bwari ubugaragwa. Ariko ubu ndabona hasigaye hari mu gisagaragikuru, kandi, neza, hagati na hagati nyene mu gisagara. Vyerekana yuko hari igihec'impinduka, impinduka. Ariko hariho ikintu kimwe nshaka kuvugako muri ikigitondo, ni wa Wundi adahinduka, niukuvuga Imana. Imana, mu nteguro zayo, Ijambo ryayo, Ntiyigera ihinduka. Ibihebirahinduka, abantu barahinduka, imikorere irahinduka. Ariko Imana ntiyigeraihinduka, ihora ari ya yindi nyene.

11 Kandi naribajije, bivanye n'uko twari twegereje igihe ca Noheri, yuko twovuga…kumbure ko novuga ku -ku butumwa bwaNoheri. Rero ubu nimba mufise Bibiliya zanyu, mukaba mukunda gusoma, rimwe na rimweabantu barasoma, bakurikira umuvugabutumwa canke uwuvuga, ngomba gusoma muButumwa bwiza bwa Matayo Mweranda, igice ca 2, kubw'igice c'Ijambo.

Yesu amaze kuvukira i Betelehemu mu gihugu c'i Yudaya kungoma y'umwami Herode, haza abanyabwenge bavuye iburasirazuba baja i Yerusalemu,

Barabaza bat'Umwami w'Abayuda yavutse ari hehe? Kukotwabonye inyenyeri yiwe, tur' iburasirazuba, none tukaba tuzanywe nokumushengerera.

Umwami Herode… avyumvise , arahagarikana umutima, n'ab'iYerusalemu bose.

Akoranya abaherezi bakuru n'abanyabwenge b'ivyanditswebose bo muri ubwo bwoko, arababaza… ati Kristo azovukira hehe?

… Bati ni i Betelehemu mu gihugu c'i Yudaya, nikovyanditswe n'umuntu yavugishwa n'Imana,

Ngo kandi wewe Betelehemu, mu ntara ya Yuda,

Nturi mutoya mu baganwa ba Yuda,

Kuko kuri wewe hazova uganza,

Ni we azoragira abantu banje b'Abisirayeli.

12 Umwamiyongere imigisha kw'isomwa ry'Ijambo ryiwe. Rero ubu hamwe n'ivyo nanditse hano,hamwe

n'Ivyanditswe vyo kwisunga, nshaka yuko mushira umutima wanyu wose mukanya gato ku mutwe w'amajambo: Kuberaiki Betelehemu Ntoya.

Murazi, kuriNoheri, ngirango twese, benshi muri twebwe, sinovuga bose, ariko benshi muri twebwebaratakaje agaciro nyako k'ico Noheri iri. Nk'uko mbibona aho hanze, n'ibitivy'ibigazi vyasharijwe; na hariya mu Buseruko cama ari igiti c'akajwari, cankeipinusi. Kandi amezi, canke amayinga, nako, kumbure ukwezi canke amayinga atandatuimbere yuko Noheri itangura, buri gihe vyama ari ibisharizo na -n'intuze zihambaye… Babigize urudadaza mu gishingoc'ivyo isobanura koko.

13 Sinizera koKristo yavutse ku munsi ugira mirongo ibiri na gatanu wa Kigarama. Jewe -jeweivyo ntavyo nizera na gato. Ntivyari gushoboka yuko ivyo bintu bibaho. Imisoziy'I Yudaya iragira ibibarafu cane kurusha, kubera iki, ibarafu igera murukenyerero mu kwezi kwa -kwa Kigarama,hariya ruguru i Yudaya. Ariko turabona turiko turiga kahise, yuko bishoboka koKristo yavutse mu gihe c'izuba, nko mu kwa kane canke ukwa gatanu, ahantukanaka nk'aho. Ariko igihe vyahindurwa, ibi, barabizanye, igihe Ubukristobwahindurwa mu vy'Ikiroma, bagize isabukuru y'imana-zuba, ikaba yari izuba kw'itarikimirongo ibiri na zitanu, kuva kw'itariki mirongo ibiri n' imwe kugeza kumirongo ibiri na zitanu Kigarama, izuba rirenze neza, ni nk'aho ata gihindukana mba. Iyo rero isabukuru y'ukuvuka kw'imana-zuba, kubw'ivyo bayihindura kuba iy'Umwana w'Imana.

14 Ariko,mwibuke, umusi uwo ari wo wose bofata, ntidutegerezwa naho nyene gukurahoubweranda bw'ico yategerezwa kuba. Aho Satani yatunyagiye ivyo, yabigizeubucuruzi bukomeye, na papa noheri yatwaye ugusenga kwose. Kandi vyahindutse u-umunsi nka Pasika, w'inkwavu n'imbatazisharijwe n'amarangi. Mbega -mbega none ivyo bihuriye he na pasika? Ivyobifitaniye isano ki n'izuka rya Kristo?

Ni nk'isi uyumunsi, bo, abana mw'ibarabara barashobora kukubwira vyinshi kuri Davey Crockettkuruta uko bashoboye kukubwira ivya Yesu Kristo. Barashobora kukubwira vyinshikuvyerekeye umubandi kanaka, umugizi wanabi wo mu misi ishize, kuruta uko bashobora kukubwira ivya wa MukamaNyenubugingo ya -yavuka haraheze imyakaigihumbi n'amajana icenda. Ariko ivyo ntibikuraho ikintu nyaco muri twebweAbakristo.

15 Murabona,buri gihe umuco waka neza rwose mu mwijima. Imiravyo irabagiraniriza mu gicuc'umwijima mw'ijoro, yerekana ko hashobora kubaho umuco mu mwijima. Kandi iyoumuco uriko uraka, ntubona… Iyo izuba ririko riraka, ntimuba mukeneye amatara cane.Ariko uko umwijima uba mwinshi, umuco ukaba muto kurushiriza, niko waka cane mumwijima. Habaye umwijima mwinshi, ni vyiza, uca wigaragaza neza. Kandi ivyo nihafi… Twebwe Abakristo dukwiye guhora dushingira intahe ubwiza bw'Imanayaduhaye Umwana wayo. Iyi Noheri yategerezwa kuba ikintu kidasanzwe. Twebwe Abakristotwategerezwa… Nubwo vyosa gute, bizotuma waka cane. Isi yose yuzuye ibisharizo.Turafise Kristo, kandi uwo niwe twategerezwa kureka akamurika mur'iyi sahay'umwijima turimwo ubu.

16 Turibazauburyo Imana ikora ibintu mu buryo budasanzwe, kuko ubwaYo ari iyidasanzwe. Imanantisanzwe. Ni -ni Indengakamere, Itagira iherezo, kuri twebwe dufise iherezo. Rero,ikintu cose Ikora, mu nkomezi zayo, si igisanzwe. Kandi Imana irahambaye cane -cane,kugeza n'aho ifata ibintu bitamenyekana kw'isi kugirango ivyiyerekaniremwo.

Turabona hanomu cigwa canje, ca Kuki Betelehemu Ntoya,iyo nto muri Yudaya yose, abaganwa bo mu bindi bisagara vya Yuda, kubera ikiImana yahisemwo kurungika Umwana wayo aho hantu? Ivyo nivyo dushaka kuvugako.Imana ifata ibintu vy'isi, nizera yuko Ivyanditswe bivuga ngo:"Kubw'ubupfu bw'ivyigishwa, vyashimishije Imana gufata ibintubitamenyekana." Ivyo twita ibihambaye, Imana ivyita ubupfu. Ivyo duhaicubahiro cinshi, Imana ivuga ko ata -ata -ataco bimaze. Kandi ivyo twibaza koataco bimaze, Imana irashira hejuru.

17 Narikoniyumvira imbere gato yuko Umwami wacu avuka, igihe abavugishwa bose, n'abandibose, bavuga ku nteguza izoza, "ukuntu buri musozi wose wocishijwe bugufin'ahantu h'ikiyaya hakaduzwa, imisozi igasimbagurika nk'impfizi z'intama, kandiamababi agakoma amashi. " Kandi yari u -umukozi w'Imana, umuvugishwa yitwaYohana, yaje avuye mu bugaragwa, atari no mw'ishure rya tewolojiya, ubwanwa bwuzuye mu masohiwe, n'igipande c'urusato rw'intama, atari mu myambaro y'igipadiri, arazaatangura gutangaza ati, "Ubwami bw'Imana buri hafi!" Kandi vyari bigoye kubantu gutahura umuntu nk'uwo yari aje, ata kimuranga na kimwe afise c'umukoreren'umwe, ata kintu na kimwe arimwo, ata karata y'ubunywanyi, canke idini iryoari ryo ryose rimushigikiye. U -ubutumwa bwari bukomeye cane, ntiyashoboragutwara umuntu, Imana yamwigishirije mu bugaragwa. Ubutumwa bwiwe ntibwari bufatiyeku—ku majambo ya—ya kitewolojiya. Yavuga ivy'inzoka n'amashoka n'ibiti, kandiivyo ni vyo yari amenyereye, ivyaremwe, kuvyitegereza, uko bikora. Kandi ubwoni bwo bu—buryo yabikozemwo. Atari nk'umunyedini, ariko nk'u—nk'umuntuw'ivyaremwe.

Kandi abantuntibashobora kumutahura. Ntiyigeze agira n'igicaniro, kandi biranashobokakumbure ko atigeze anahabwa ikaze na hamwe, ariko yavugira ubutumwa ku nkombe zaYorodani, ahagaze kumbure mu vyondo bimugera ku mavi. Ariko abantu barazakuvyumviriza, abari abanyakuri mu mitima. Barashaka kwumva kuko vyari ibintubitandukanye, vyari bifise ijwi ry'Ukuri muri vyo.

Uyu munsi,dukwiye kuba hafi yo kuvuka kwa Kristo; Ubutumwa bwacu, bitegerezwa kugira ijwiry'ukuri muri vyo ryotuma abantu banyotererwa kumubona.

18 Imana yafasheuwo muntu woroheje, atize, nta munsi n'umwe mu ishuri, nyamara avuga ko yarimukuru mu bahanuzi bose babayeho, kuko Imana yigaragaza mu bintubitamenyekanye.

Igihe Yesuyatora abigishwa biwe, vyari: Hariho abagabo benshi bujuje ibisabwa kuri icogikorwa kurusha abo bigishwa, bari indongozi z'amadini, ariko nta n'umwe yigezeahamagara. Muri bo harimwo abakuru b'amadini, abantu bakomeye, abaherezi,abantu bize, abagabo bazwi, ariko ntiyigeze abahamagara. Yafashe abarovyi n'abatozakori,n'ibindi, kugira ngo a—arungike ubutumwa bwiwe hanze. Buri gihe yama abikorauko.

19 Mu gihe ca Nowa, Yahisemwo umurimyi, umurimyi asanzwe, kugira ngo atangaze uguhonakw'ico. Umurimyi asanzwe gusa, atariindongozi y'amadini, umurimyi gusa!

Mu gihe caNowa, Yafashe i, canke, murantunga, mu minsi ya Mose, yafashe umuja yahunze, atariumukuru w'idini. Aramureka arasohoka kugeza ahagijwe, arasohoka aja inyumay'ubugaragwa, maze atakaza amashuri yiwe, hanyuma imubonekera iri mu gisaka cakaumuriro, iraheza imurungika afise inkoni igoramanze mu ntoke, kugira ngoyigarurire igihugu cari… yari yahunze avamwo.

Murabona,Imana ifata ibintu bisanzwe kugira ngo yimenyekanishirize muri vyo. Murabona,ufata ibye, It, Ijambo rye gusa. Yaremye isi mu bintu bi—bitagaragara…bitagaragara.

20 Mu minsi mikeishize nari ndi muri Morris Auditorium, kimwe mu bikorane vyacu bikomeye vy'iNew York, kandi nariko ndumviriza ikiganiro kuri Einstein kivuga kuri uyo mugwiw'inyenyeri, cavuga ko vyofata imyaka imiliyoni ijana na mirongo itanu ya-y'igihe c'umuco, kugira ngo ugende ushike kuri wo, n'imyaka imiliyoni ijana namirongo itanu nyene yo kugaruka. Hanyuma rero, nimwibaze gusa, imyaka y'umuco imiliyoniijana na mirongo itanu, iyo yoca iba imyaka miriyoni amajana atatu y'umuco. Niho ugarutse hano, woba umaze kugenda imyaka mirongoitanu gusa. Ibaze, kuki, ukuntu umuco ugenda wihuta, mayili ibihumbi ijana na mirongo umunani nabitandatu ku munota, hanyuma wibaze imyaka miriyari n'imiriyaridi uko inganavyotwara kugira ngo ujeyo hanyuma ugaruke, ijana na mirongo ibiri, canke, imiliyoniamajana atatu y'imyaka y'umuco, kandi ivyo ni kuri uwo mugwi w'inyenyeri gusamu nyenyeri Imana yahushe gusa zivuye mu biganza vyayo, kandi ishiraho ikirerekirekire cane c'umwanya utopimika mu myaka y'umuco kurenza aho.

21 Kandi ariko araraba hasi kuri ivyo, hanyuma uyu Murusiya avuga ko yari hafi nko kuri mayili ijana na mirongo itanu, mayiliamajana abiri, hejuru mu kirere, akavuga ko atigeze abona Imana cankeAbamarayika. Nigute umuntu ashobora kuba uworoshe? Rero mwibaze kuri izo miriyaridin'imiriyari zose z'imyaka; hanyuma imyaka mirongo itanu gusa uhereye hano,yakoze iki, yaramenye maze yinjira mu bihebidashira.

Bavuga yuko uwo agendera mu kigendajuru yaduze, yari mu kirere amasaha menshicane, agenda kenshi cane, incuro cumi n'indwi azunguruka isi, canke uko vyaribiri kose, bavuze yuko bitigeze binagira… ntiwari n'umusegonda umwe mu buzimabwiwe. Yagendera ku gihe. Kubw'ivyo, murabona, mwinjira mu bihe Bidashira. Ubwoni bwo buhambazi bw'Imana.

Ubwenge bwacu ntibushobora gutahura ukuntu ari iyihambaye. Kandi nyamara iyoyiteguye kwihishura, ibikora mu buryo bwiyoroheje, igafata ibintu bisanzwekugira ngo ibikore, ubwiyoroshi bwavyo.

22 Dawidi, yasaga nk'aho ari… mu bahungu indwi ba Yese bose, ni we yari uwa nyumayazanywe imbere y'umuvugishwa. Kubera iki, n'abantu biwe bwite bari gushoborakumutwenga, ntibashobora kwibaza Dawidi yasa na goyigoyi, umugabo muto afiseibitugu vyunamye, umuntu yasa na goyigoyi ko ari we muntu yari kuzoba umwami waIsirayeli. Ashobora kuba atasa nk'umwami kuri abo bantu, ariko vy'ukuri ategerezwakuba yarasa na vyo imbere y'Imana, kuko ba… Yaramusize amavuta ngo abe umwami,uko biri kose. Murabona, Yafashe umuntu yiyoroheje wo mu muryango wa Dawidi,canke umuryango wa Yese, ku—kugira ngo ishireho abami. Ikintu isi yari yaranse,i… yari yarahindukiye, yamutumye hariya inyuma kuragira intama. Yarazanyeumuhungu wi—wiwe wa mbere, umuntu akomeye cane asa neza, kumbure ko yashoboraguhagarara neza kandi agasa n'umwami wa Isirayeli, kandi uwo niwe bibaza yukoazosa neza afise igitsibo ku mutwe, uwo niwe yoshoboye kurongora... kwambara i—inyambarabamikandi agashobora gufata inkoni, n'ibindi vyose bibereye gukorerwa umwami. We ya—yasa neza mu maso y'abantu.

23 Ariko umuvugishwa, afise n'amavuta yo gusiga mu ntoke, avuga ati: "Ntawundi ufise?" Arabazana umwe umwe, kugeza y'aho ateba akabaza ati:"Nta wundi ufise?"

Avuga ati: "Ndafise umwe, ariko kumbure ko ataco yomara. Ni agahungu kamezenk'akumaguye, kari hariya kuragira intama. "

Na we avuga ati: "Genda mumuzane." Akimaraguseruka mu maso y'uwo muhanuzi asizwe amavuta, aca asuka amavuta ku mutwe-mutwe wiwe, yiruka kumusanganira. Avuga ati: "Uwu ni we Imana yahisemwo."Murabona? Murabona, ntivyama ari ibisayangana imisi yose, vy'isi. Ni uguhitamwokw'Imana.

Kandi kubw'ubuntu yaraduhisemwo, rero turashima kubw'ivyo muri iki gitondo.Kandi ntibisaba ivyo bintu bikomeye bisayangana vy'isi. Umuntu aciye buguficane kurusha abandi arashobora kuba umusuku wa Kristo, bisaba umuntu abishaka.

24 Imana yaramusize amavuta, murabona, ifata utuntu dutoduto. None, ni kubera ikiyafashe Betelehemu ntoya? Bisa n'uko hashobora kuba ahantu hahambaye ahoUmwami, Umwami w'abami ahambaye yari gushobora kuvukira.

Mubisanzwe iyo duteguye umusi mukuru hano kw'isi, tugerageza kubishira mu bintuvyo hejuru kurusha ibindi vyose, ikintu gikayangana cane dushobora kwibaza,tuwujana ahantu hahambaye cane kandi tugakoresha amafaranga menshi, n'ibintubiteguwe neza cane kurusha ibindi. Uko niko tubikora.

Ariko Imana ntibikora muri ubwo buryo.Ifata ikintu ataco kimaze, kugira ngo yiyerekane ko ari iyihambaye, koIshobora… Iyo ifata umuherezi mukuru canke umuntu yigishijwe neza, muri ya minsiyariko arahamagara intumwa, iyo ifata uwo aho gufata umuntu ataco azi, umurovyiatize atari anashoboye no kwandika izina ryiwe, bari gushobora kuvuga bati:"Oh, ivyo, murabona, amashuri yawe aratanga umusaruro." Ariko Imanayafashe umuntu atari ashoboye no kwandika izina ryiwe, ku buryo Yari Ishoboyegufata ikintu yashobora kuronka mu kuboko kwayo, ikintu Yashobora gukuramwoikintu kanaka, kugira ngo vyerekane ko ari Imana. Turashika ahantu tumenya koataco tumaze, hanyuma tukaja mu maboko y'Imana, hanyuma Yo igashoborakukubumbabumba no kukugira nk'uko Yo ishaka ko uba. Ariko igihe cose twumva koturi abahambaye, aho rero nta na hamwe uzigera ushika. Ntushobora no kwinjiramu biganza vy'Imana kugeza igihe tumenye ko tutari abahambaye.

25 Umwe mu bakobwa banje bato yariko arabaza ejobundi ivyerekeye kuba umuntuahambaye. Nca mvuga nti… Nivyo, ndiko mvuga ku muntu umwe ahambaye. Neza, yariumukuru w'igihugu yaheruka kwicwa, kandi imitima yacu yarababajwe nawe. Hanyumamvuga nti: "Nivyo, yari umuntu ahambaye." Ibinyamakuru vyarabitangaje,televiziyo iravyerekana, leta vyayisavye ama miliyaridi n'amamiliyaridiy'amadolari mu kubitangaza. Ivyo, ni vyiza, ivyo ni ivyabo. Ariko nca mvuganti… Uyu muvugabutumwa muto wa kipentekoti hariya ruguru muri Carolina, aho hinjiyeumuntu, imborerwa n'inkoho, ahamagara umugore wiwe maze aca arasira uwo mugabo ahonyene ku gicaniro, hanyuma arasa umugore wiwe, maze nawe arirasa, vyavuzweagace gato inyuma ku kinyamakuru kangana gurtya. Reka nkubwire, mwene Data, icotwoba turi cose, nti: "Nimba ushaka kumenya ingene uri uwuhambaye," nikonabwiye umukobwa wanje muto, nti: "shira urutoke rwawe mu ndobo y'amazi hanyumaurukuremwo, maze uce ugerageza kurondera iyo ntoboro." Nta na kimwe tumaze.Hariho Umwe gusa ahambaye, ni Imana. Dutegerezwa kwibuka, ni Yo.

26 Vyasa n'uko umenga bashaka ku… umuntu yamye ategura aho Umwami avukira, harihoahantu henshi hakomeye h'amadini n'ahantu h'akahise kubw'Umwami aho kuba iyo Betelehemuntoya. Ahantu, nk'akarorero, nka Shilo. I Shilo niho ya sandugu yabanjegushirwa ubwa mbere, turabizi, mu gihe duciye aho… tujabutse Yorodani tuza kuriuru ruhande muri Palestina, aho ya sandugu yabanje gushirwa nk'ikibanza cambere co gusengeramwo. Canke i Gilugali; i Siyoni, Siyoni ahantu hakomeye; na Gilugalinyene.

Canke umurwa mukuru ukomeye, wa Yerusalemu, aho abakuru b'amashirahamwe yosebakoranira, icicaro gikuru cabo, vyasa n'uko bari kuba barategekanije ikibanzahariya i Yerusalemu kugira ngo Umwami ahambaye avukireho, nimba barashakaahantu, ahantu h'akahise canke ahantu heza cane hadasanzwe. Aho niho hariicicaro gikuru c'amadini , c'idini ryabo Umwami yaziye. Yaje guserukira idiniryabo. Kandi We… igihe rero Yaza, aho kugirango bamutegurire ikibanza iYerusalemu canke hamwe aho hantu hadasanzwe h'akahise, yavukiye i Betelehemu,igisagara gito mu bindi bisagara vyose. "Mbega nturi muto mu baganwa ba Yuda?Ariko muri wewe hazova U -Uganza niwe azoganza abantu banje. " Kandi iyi Yerusalemuyishize hejuru cane n'ibindi bisagara vyose vyaranswe.

27 Canke kumbure bari gushobora gufata bimwe mu bibanza vy'ubuhungiro, ibibanzabihambaye nka Heburoni, Kadeshi, canke Ramoti-Gileyadi, kimwe muri ivyobisagara bihambaye vy'ubuhungiro, kuko yategerezwa kutubera Ubuhungiro. Iyotugerageza kubishira mu bwenge bwacu bwite, kumbure ko twari gufata, tuvugetuti: "Neza, rero, nimba uyu Mwami ahambaye aje, akaba ari We azotuberaUbuhungiro, yategerezwa kuvukira muri bimwe muri ivyo bibanza bikomeye vy'ivyibutsovy'ubuhungiro, nka Ramoti-Gileyadi, canke Kadeshi, canke kimwe muri ivyo."Twari gushobora kubishira mu bwenge bwacu nk'uko.

Ariko, murabona, Imana ifise ubundi buryo bwo gukora ibintu. Iraziingene ikora ibintu neza. Rero mu vyiyumviro vy'Imana n'ubufasha bw'Imana,turaza kugerageza kuvuga impamvu ivyo vyabaye, kuko ibintu vyose bikora neza naneza vyisunga umugambi uhambaye w'Imana. Kandi ndashaka yuko mwebwe bantu hanomuri Phoenix, no mu micungararo, ko -ko -ko mugerageza kubona Ibi. Ivyo mwibuke,yuko Imana iba izi ivyo iriko irakora. Murabona? Kandi ifata uburyo busanzwebwo kubikora. Kuko, irinze ikora ikintu kanaka ikoresheje ibintu bikomeye cane,aho rero… Imana ntiyigera ikora ibintu nk'uko, ntiyigeze ibikora muri kahise koseka Bibiliya. Imana ntiyigeze ikoresha, ntiyigeze ibikora mu gihe na kimwe, ngoifate umugwi w'abantu ngo ukore ikintu ico arico cose. Imana ifata umuntu kugatwe kiwe. Ni wewe, umuntu

umwe. Kandi Imana ntiyigera ihindura imigambi yayo.Kubera ko, umugambi wayo wa mbere, Ibwirizwa kuguma kuri uwo mugambi.

28 Mu gihe ca Nowa, yari ifise umuntu umwe, Nowa. Mu minsi igihe yasohoraIsirayeli, Yari ifise umuntu umwe, uwo nawe yari Mose. Turazi ivya Datani n'abandibenshi bagerageje kwiyumvira, neza, ko " na bo nyene bari bafise ububashank'ubwo" nibindi. Murazi ivyabashikiye. Mu minsi yo kuza kw'Umwami, muminsi ya Yohana Umubatizi, n'abandi batandukanye, Igira umuntu umwe ikorananawe. Kandi ikorana natwe uyu munsi nk'umuntu umwumwe ku giti ciwe, atari bwamugwi. Umuntu umwe! Bizova kuri wewe nanje, uko duhagaze imbere y'Imana. Kuberako,Ikorana nawe hamwe nanje nk'umuntu ku giti ciwe, atari nk'umugwi turimwo, kandisi kubw'ishengero ry'idini turimwo, ariko nka wewe na jewe ku giti cacu.

29 Yosuwa, mu kugabura igihugu, yahaye ako gace gato Yuda. Benshi muri mwebwe, nda-ndafise ahantu hamwehamwe handitswe aho haherereye, ariko twese ivyo turabizi,aho haherereye mu mfuruka. Kandi hari ahantu hatoya babahaye, Yosuwa, mukugabura igihugu, aho yahahaye umuryango wa Yuda.

Rero igihe Abisirayeli bajabuka uruzi rwa Yorodani, ubu rero mugerageze gufataibi, igihe ab'Isirayeli bajabuka mu gihugu, igihugu c'isezerano, hariho umugoreumwe w'umunyamahangakazi tuzi kw'izina rya Rahabu maraya. Yasavye kugirirwaimbabazi, maze aragirirwa imbabazi, yaragiriwe imbabazi igihe cose yagumyemunsi ya wa mugozi utukura. Kandi iyo niyo nzira yonyene yashobora kuronkamwoimbabazi. Cari ikimenyetso, ikimenyetso yari yahawe.

Turafise Ikimenyetso uyu munsi, kandi, kandi dufise umutekano mu gihe cosetugumye munsi y'uwo mugozi utukura, Amaraso ya Yesu Kristo. Nk'umuntu ku giticiwe, atari umugwi, umuntu ku giti ciwe, buri wese ategerezwa kuguma munsi y'uwomugozi utukura w'amaraso ya Yesu Kristo.

30 Hanyuma rero uwu Rahabu, amaze kurokorwa, yinjiza abantu biwe bose, ikintu cosecari munsi y'uwo mugozi ca—cari gikijijwe. Nka ca gihe Imana muri Egiputa,igihe abari munsi y'amaraso bose bakijijwe. Abari munsi y'uwo mugozi utukurabose barakijijwe. Ikiri munsi y'Amaraso ya Yesu cose carakijijwe, abatari musiy'ayo boso baratakaye kandi bateguriwe guhona. Rero turabona yuko ubu, mugukora ibi… Rero turatahura biciye kuri kahise yuko yahavuye areshwan'umugabisha mukuru w'ingabo, sinzi izina ryiwe ubu nyene, mu ngabo za Isirayeli.Yahavuye arongorwa n'uwo mugabo. Baca baba hano muri iki, hafi y'aka gace gato,maze umuhungu wiwe Salomoni ni we yatanguje Betelehemu. Murabona, umunyamahangaarafatanye navyo kuva mu ntango, umunyamahangakazi, Rahabu maraya.

31 Rero, turabona yuko Salomoni ariwe yatanguje iki gisagara gito ca Betelehemu. Arahezaavyara Bowazi. Kandi uwo Bowazi ni umwe yarongora Rusi, uwundi Munyamahangakazi.Kandi turiko turakurikirana uyu murongo w'uru ruvyaro ubu. Rusi yaranse, yariUmunyamowabukazi, arongorwa na Bowazi, aza muri iki gisagara gito mu gihec'iyimbura ya sayiri. Oh, iyaba dufise umwanya muri iki gitondo, kugeza, kuriivyo, noba mfitiye umugore wanje ikanzu zitandatu, mu nyuma, ariko ukuntunoguma kuri iki cigwa!

32 Nawomi, yerekana rya shengero ry'ikiorotodogisi, yagiye kubera inzara, aragendaaja mu gihugu c'i Mowabu; nka kwa gusabagira kw'ab'Isirayeli, mu mahanga yose.Hanyuma agarutse, agarukana na Rusi, Umunyamowabukazi, agaruka mu gihec'iyimbura rya sayiri, mw'ikoranywa rya sayiri ya mbere. Ni ukuvuga koIshengero ry'Abanyamahanga riza ku Mana mu gihe ca sayiri n'ubundi. Mbegaishusho nziza hano. Hanyuma rero, we na Bowazi bamaze kwabirana, umuhungu wabowa rurangiranwa Obedi, asamirwa ngaho, yongera arahavukira. Hanyuma umuhungu wiwe,umuhungu ahambaye, Yese, akomoka kuri Obedi. Aho nyene kandi ni ho yavyariyeDawidi, umuhungu wiwe, umwami Dawidi araza.

33 Nimurabe ibi biriko biraza rero. Kuva kuriRahabu maraya, umuhungu wiwe, niwe yahatanguje. Kuva aho haza -kuva aho haza Bowazi,yazanye uwundi munyamahangakazi. Hanyuma kuva kuri Bowazi haza Yese. Kandi hanoYese, kuri Yese havutse Dawidi. Kandi Dawidi, hano nyene muri iyi Betelehemuntoya, yasizwe amavuta n'umuhanuzi w'Imana, ngo abe umwami wa Isirayeli. Ibibintu vyose vya mpwemu bihishijwe mu maso y'ab'isi, vyariko birashika hano muriiki gisagara gito ca Betelehemu. Murabona, uko niko Imana ikora.

34 Rero, ndizeye yuko Mpwemu Yera aza kuhaba kano kanya kugira ngo abahe gutahuraneza, yuko Imana idakorera muri ivyo bintu bikomeye. Ni kubwa Mpwemu. "Sikubw'ubushobozi, si kubw'ububasha, ariko ni ku bwa Mpwemu wanje," niko Umwamiagize. Murabona? Imana ikorera muri Mpwemu mu bantu. Murabona, ibi bintuvyabaye bihambaye, Yashobora kuza muri iki gisagara gusa. Aho ni ho hantuhonyene yashobora kuvukira. Imana ikurikiza wa murongo wayo nyene. Imana yamaimisi yose ibikora. Imana ikurikiza u—umurongo w'Ijambo ryayo. Ntishoboragusubira kwe'Ijambo ryayo, mu buryo na bumwe, hanyuma ngo igume ari Imana. Itegerezwakuguma kw'Ijambo. Ntishobora namba kuva kuri ryo. Uyu munsi, imigenzo yacu n'ibindibiradukura kw'Ijambo. Dufise za nemera n'ibintu twinjiza mw' Ijambo, bihumanyaibintu vyose. Ariko Imana ntishobora na rimwe kuva ku murongo w'Ijambo ryayo.Ijambo ryayo ni ukuri, buri gihe, kuko ari Ijambo. Imana n'Ijambo ryayo niikintu kimwe.

35 Rero, turabona hano ukuntu iyi Betelehemu ntoya, n'ubwo itamenyekana, ahantuhato hatari hazwi cane n'abo hanze, igisagara gito cane mu bindi vyose, nta muntun'umwe yari ahanezwe. Ariko nyamara

Imana yari ifise mu migambi yayo yuko aho… ahoniho ivyo bintu vyose vyari kubera.Rero, ivyiyumviro vya mpwemu vyari gufata ivyo, kuko uvugishwa n'Imana yavuzehano, murabona, umuvugishwa yavuze ati: "Wewe Betelehemu wa Yuda, mbeganturi muto mu bandi baganwa? Ariko muri wewe hazovamwo Uganza niwe azoganzaabantu banje b'ab'Isirayeli. " Umuvugishwa, ivyiyumviro vy'uvugishwa n'Imanavyarabibonye.

Nimwitegereze abo ba mpwemu, Mpwemu Yera uyu musi arongora ivyo bintu. Nta nakimwe bihindura ku vyo isi ivuga mu bisayangana vyayo vyose. Raba Mpwemu Yeramw'Ijambo, aho ni ho vyaje.

36 Gute igihe Yobu yapfa akerekana neza aho azoshingurwa? Mu nyuma haje Aburahamu,Aburahamu agura itongo ryo gushingura umugore wiwe Sara. Kandi Aburahamu, amazegupfa, yashaka gushingurwa hamwe na Sara. Aburahamu yavyaye Isaka. Isaka, igiheyapfa, yashaka gushingurwa hamwe na Aburahamu. Isaka yavyaye Yakobo. Yakoboarapfa, hariya epfo muri Egiputa, ariko arahiza Yosefu (umuhungu wiwew'umuhanuzi) aramurahira, ashize ukuboko kwiwe kuri ca kibero cacumbagira, yukoatazomuhamba muri Egiputa. Kubera iki? Avuga ati: "Uzonjane hariya mu gihugu,maze aho habe ariho ahambwa." Yosefu, igihe yapfira muri Egiputa, avuga kuvyokuzovayo, ko ab'Isirayeli bazosohoka hakurikijwe ubuvugishwa, ariko avuga ati:"Muze mukure amagufa yanje muri iki gihugu." Kubera iki? Bari bazi yuko umushuzow'izuka wariko uraza uva muri kiriya gihugu, kuko Yobu yavuze ati: "Ndazi yukoUmucunguzi wanje ari muzima, kandi mu minsi y'iherezo azohagarara kw'isi; kandinaho inyo zo mu mubiri zizoba zononye uyu mubiri, ariko nzobona Imana ndi mumubiri wanje. "

37 Bari bazi yuko umushuzo w'izuka wariko uraza hariya mu gihugu c'isezerano,atari Egiputa. Bari aba mpwemu, bari abavugishwa. Kandi igihe Yesu yapfa, ku—kuwa Gatanu Mweranda, akazuka mu gitondo ca Pasika, ku w'iyinga wakurikiye,Bibiliya yavuze ko: "Benshi mu bera bari baryamye mu mukungugu w'isi, bazutsemaze bava mu mva, baja mu gisagara, barabandanya bajana na We mu Bwiza." Kuberaiki? Abo bari ba bahanuzi bamenya neza aho guhambwa aho ariho, ahantu no mugihe. Vyari bihishije amaso y'abanyabwenge. Ariko bo baramenye i—ico, baraba kuruhande rwa Mpwemu. U—umushuzo w'izuka wategerezwa kuva muri Palestina, atarimuri Egiputa.

Niko bimeze no muri iki gihe, bagenzi. Abantu benshi bafata ibintu vy'isi,canke imikorere kanaka ikomeye canke ikindi kintu. Mpamba muri Yesu, kuko abarimuri Kristo Imana izobazanana naWe muri rya zuka. Kandi sinitayeho ivyo isiivuga, uko bagerageza gushariza ibintu. Ni muri Kristo, abari muri Kristo niboImana izozanana hamwe na We. Ubwenge bwa mpwemu burafata ivyo bintu vya mpwemu.

38 Hano umuvugishwa yavuze ati: "Betelehemu ntoya, mbega nturi muto mu baganwabose ba Yuda? Ariko muri wewe hazova Uganza," atari uwuvuye ku murwa mukurukanaka wiyubatse mu buryo bwawo, atari uwuvuye mu mashengero kanaka yo murikahise canke ikindi kintu, aho Metodiste, Batiste, Peresipiteriyano, Pentekoti,canke ikindi cose catanguriye. "Ariko muri muto muri ivyo vyose, ahantu hatoataco hamaze, Nzozana aho hantu, Uwuganza wanje w'abantu."

Ariko uyu munsi dushaka kuvuga duti: "Ba sogokuruza bakoze ibi, ba sogokuruza bakoze biriya." Murabona, Imana nta nakimwe izi muri ivyo. Imana ikora ivyo ishaka. Nimwitegereze umurongo wa Mpwemu,nimwitegereze uko I—Ivyanditswe bivuga. Ivyo ntavyo bari bazi. Ariko, murabona, Ivyanditswenivyo vy'ukuri. Igihe cose, Imana ini inyakuri.

39 Dawidi yasizwe amavuta n'uwo muhanuzi ahambaye, kugira ngo abe umwami. Ntankeka ko Samweli, uyu muhanuzi ahambaye, yari azi ivyo bintu kuva mbere. Kandiaho niho ya mbuto yayo ihambaye ya mpwemu yasezeranwa… kuko Imana yarahiyeindahiro, yuko yodugije Kristo ngo yicare ku ntebe y'ubwami ya Dawidi. None nihe handi Kristo yari gushobora kuvukira? Ng'uwu se aho yavukiye, sekuru, sekuruza,sekuruza wa sekuruza wa sekuruza wa sekuruza wa sekuruza kubandanya inyuma.Murabona, abantu biwe bari mu murongo w'abanyamahanga barinjijwe. None Bibiliyayavuze yuko: "Abanyamahanga bazokwizigira Izina ryiwe."

40 Murabona, vyose bitegerezwa kuzanwa kugira ngo mubibone. Twifuza kuhagumaakanya gato tukibanda kuri ivyo, tukabereka igituma Abanyamahanga, ariko ndazineza yuko ubwenge bwa mpwemu buca bubicakira aka kanya nyene; kuko, kuba ariaba mama, atari se. Rero, kubera ko ya -yari umugore, Umugeni. Abanyamahanga bazogirwa,Umugeni, azoba agizwe n'Abanyamahanga. Abanyamahanga, "Izokura ihanga muBanyamahanga ryitirirwa Izina ryayo." Iryo ni Izina ryyo. Yafashe umugore,murabona, imukuye mu Banyamahanga. Kandi uko niko Vyategerezwa kumera, umugoreyarinjiye, Ishengero, kandi yari… bari Abanyamahanga, ba inakuruza hariyainyuma mu rukurikirane rwa rwa ruvyaro.

41 Rero, nk'uko Isaka yari mu murongo w'urwo ruvyaro vyongeye. Ubu rero nimurabeibi, turabona rero yuko Dawidi yari afise iri sezerano ry'umwana w'umuhungu.Rero, turabona kandi ukuntu ivyo bisa na Isirayeli. Igihe Isirayeli… CankeAburahamu yasezeranirwa yuko uruvyaro rwiwe, uko rwobaye rumeze, yuko muruvyaro rwiwe hovuyemwo uwu Mukiza ahambaye, kandi ko yohindutse sekuruzaw'amahanga. Uruvyaro rwiwe rusanzwe, birumvikana ko yari Isaka, birarunanira.Ariko Uruvyaro rwiwe rwa mpwemu, kubwo kwizera yari afise, haje Kristo, yinjijeamahanga yose.

Nivyiza, ubu iki kintu nyene kiragereranijwe hano kandi. Uruvyaro rusanzwe rwaDawidi yari Salomo, kandi rwarasubiye inyuma co kimwe na rwa rundi ruvyaro rwaAburahamu. Rwarasubiye inyuma. Niko na Salomo na we yasubiye inyuma. Yagizeabagore benshi kandi, ikintu ca mbere murazi, batwaye umutima wiwe kure y'Imana.N'uburyo yagiye hanyuma asubira inyuma, apfa uko, yasubiye inyuma. Isirayeliyapfuye muri ubwo buryo nyene, isubira inyuma.

42 Ariko turabona yuko uru Ruvyaro rwa mpwemu, rwari rwarasezeranywe n'uruvyarorusanzwe nk'umuryango wabantu bakomoka kuri Aburahamu, ariko nk'ubwami buzanwan'isezerano rya mpwemu rya Dawidi. Dawidi yavukiye i Betelehemu. Yasigiweamavuta i Betelehemu. Turabona rero yuko igihe rwa Ruvyaro rwiwe nyakuri rwaCami, Samuragwa w'intebe yiwe y'ubwami, rwavukiye, muri iki gisagara nyene,Betelehemu ntoya. "Uri muto mu baganwa bose ba Yuda, ariko muri wewehazova Uwuganza azoganza abantu banje."

43 Muri ico gisagara gito, uruhongore ruto, uruhongore rw'igisagara hariya epfohampande y'imanga, hariho isenga mu manga, kandi aho haza aciye mu marembo matoyaho, Umwami w'amahoro, yavukiye mu ruhongore, mu—mu bwato buto bw'ivyatsivyumye buri ahantu kanaka, umwavu urunze mu bigega mu mpande, n'ibindi, ariko ngaho havuyemwo uwoMwami ahambaye, rwa Ruvyaro rw'umugore, ngaho havuye Umukiza w'isi, ngahohavuye Yehova ubwiwe, mw'ishusho y'umuntu, aza avuye muri urwo ruhongore ruto ruciye bugufi iBetelehemu. Atari mu kirimba kanaka, ngo avukire mu muryango w'i bwami; arikongaho yaje avuye aho hantu haciye bugufi, ku kirundo c'amase hariya epfo, kandiazingiririrwako ivyahi vy'umwana. Nk'uko inkuru za kera zibivuga, zakuwe ku ngogoy'impfizi aho bari bamye bayirimisha.

44 Abakene! Yosefu na Mariya, bompi bakenye rwose, kandi hano bari muri ururuhongore ruto. Mbega ukuntu Imana yicisha bugufi! Hanyuma natwe tukageragezakwigira ikintu gikomeye. Ntushobora kubona uburyo Imana yicisha bugufi kandi igafataibintu ataco bimaze, kugira ngo ishobore gushitsa amasezerano yayo ahambaye.Ukuntu uwo mwana muto Yehova yari aryamye mu bwato bwuhira, azingiriwe mu -muvyahi vyakuwe inyuma ku ngogo, izosi ry'ingogo aho impfizi yari iri. Bazingirauwo Mwami w'Amahoro muri vyo! Bagenzi! None twebwe turi iki? Ni iki dukwiriye? NimbaImana ishobora kwicisha bugufi nk'uko, mbega ntitwari dukwiye gushobora kwicishabugufi ngo tube umusuku wayo, nimba yarakoze ibintu nk'ivyo? Mbegantitwoshobora kwibagira ivyubahiro vyacu n'ibintu vy'iyi si, kandi tukava muriivyo, maze tukicisha bugufi imbere yiwe kuri iyi Noheri? Kandi ube… Tumwerekeko tumushimira iryo vuka nuko kwicisha bugufi, mu kwicisha bugufi natwe ubwacukandi twakira Ijambo ryiwe. Ntaco bitwaye ico imigenzo ivuga, ni Ijambo ryiwerifise agaciro. Ico nico azofata, Ijambo ryiwe, kandi Iryo gusa.

45 Rero turabona, uru ruhongore ruto, rwari hariya, aho niho noheri ya mbereyigeze kuririmbwa kw'isi, kandi yaririmbwe n'Abamarayika. Nimuvyibazeko! Noheriya mbere, ntiyaririmbwe hariya hamwe na Kayafa, atari epfo mu rusengero kanakarunini rwiza ahari umwungere mwiza cane, ariko mu ruhongore i Betelehemu, gitomuri vyose. Ariko noheri ya mbere yaririmbwe n'Ibiremwa vy'Abamalayika mugisagara gito ca Betelehemu. Murabona ico nshaka kuvuga?

Nubwo woba umukene gute, uko woshobora kuba muto kose canke u—udafise agaciro,Imana irashobora kugukoresha hamwe uyemereye kubikora. Imana iragushaka.Ntishaka ko uba… si ngombwa ngo ube uri mw'ishirahamwe kanaka rihambaye,imikorere kanaka ihambaye, ubuvukanyi kanaka buhambaye, canke ico vyoba ari vyocose, ivyo ntaco bivuze ku Mana. Imana iragushaka! Kandi nimba uri… nimba wumvayuko uhambaye, nukure uko kwiyumva muri wewe. Utegerezwa kuvyikuramwo. Uravugauti: "Neza, mfite indangabumenyi nkuru ya kaminuza Ph.D., na LLD." Ivyobigutwara kure cane y'Imana gusa. Ibagira ico kintu. Garuka ku Mana. Garuka kukwicisha bugufi kwa Mpwemu, kandi ukunde Imana wongere ufate Ijambo ryayo.

46 "Kandi nimwaguma muri jewe n'Ijambo ryanje rikaguma muri mwebwe, musabe ico mushaka,muzogikorerwa." Imana yarabisezeranye. "Nimwabwira uyu musozi, muti 'Shinguka,'kandi ntimukekeranye mu mutima, ariko mukizera ko ivyo mwavuze bishika,bizobabera ko." "Unyizera, ibikorwa nkora nawe azobikora. Ndetse azokoran'ibibiruta, kuko jewe ngiye kwa Data. " Mbega amasezerano!

47 Hariho ikintu kibura ahantu kanaka. Ico tugerageza gukora ni kubihotora nokubigira ikintu gikomeye hariya, tugashirako amashurwe n'ibisharizo, kanditurabihumanya nk'uko amahanga yahumanije Noheri. Ni vyo! Ese hamwe twoshoboragukura ibisharizo kuri ivyo bintu, maze u—ukwicisha bugufi kukagaruka mu mitimay'abantu! Ese hamwe twoshobora kugarukana uguca bugufi kwa Noheri kw'icoyabwirizwa kuba! Atari umunsi w'ubucuruzi, atari amatara na Papa Noheri! Arikotukagaruka ku gusenga ya Mana yarema Yaje mu ruhongore ikavuka ari Uruhinja,Imana yambaye umubiri maze ikabana natwe! Hamwe twoshobora kugaruka kuri ivyo, tukajakure y'ibisharizo n'ibintu bihambaye. Imana ntinakorana na vyo na gato.

48 Uragira uti: "Neza, jewe ndi mw'idini rinini cane kuruta ayandi" Ivyo bigutwarakure cane y'Imana gusa. Uragira uti: "Ndakora ibi, na biriya." Ivyobigutwara kure cane gusa.

Ubwirizwa kwicisha bugufi kugeza ubonye ivyo, kugeza, "Nimwaguma muri jewe,amajambo yanje akaguma muri mwebwe, sabe rero ico mushaka." Ico tugeragezagukora, Imana ikimara kuduha imigisha mike, tugerageza kubigoreka vyose nokwinjiza abanyacubahiro ngaho bacabironderera amazina akomeye

cane ngo barushe urya wundi. Uyu atangura aha na hariya, Imana igaca iva muri ico kintu cose. Ico dukeneye uyu munsini ukwicukumbura gushasha kwa Mpwemu Yera ku mitima iciye bugufi. DukeneyeNoheri nyayo, aho kuvukira. Ese woshobora kubona yuko ata kindi uri kiretseuruhongore! Imana ntiyagiye i Yerusalemu, i Shilo, canke i Ramoti-Gileyadi.Yaje mu ruhongore rucafuye. Iyo uretse Imana, uhinduka… kandi ukamenya muri weweyuko ata kindi uri kiretse uruhongore rw'umunuko. Ariko tanga ikaze, ugururaimiryango yawe, mu gihe ibi bibanza bihambaye n'inzu z'ingenzi vyamwanse, wewe niwugurureimiryango y'ubwato bw'umutima wawe maze ureke Yehova abuzemwo, hanyuma urabeibiba, kuko We ari Ijambo. Yavuze ati: "Nimwaguma muri jewe, Ijambo ryanje rikagumamuri mwebwe." Ni Ijambo. Reka aze muri wewe, maze urabe ibiba. Hanyuma usabe icoushaka, uzogikorerwa.

Ego, ni ngaho noheri ya mbere yaririmbwe n'Abamarayika, haraciye imyakamyinshi. Kandi igihe Ya… [Mwene Data umwe avuze mu ndimi. Agace katavuga kuri bande—Umw.]

49 Kandi ubu turazi yuko ata nkeka ubwo butumwa ari ubuhambaye, ku buryoImana yashatse kubuvuga uko, atari uko ntiyari guciramwo ubutumwa ngo ikoreikintu nk'ico. "Mwicishe bugufi munsi y'amaboko y'Imana," niko ubwo butumwabwavuga, bagenzi.

Rero, Data wo mw'Ijuru, turazi yuko wewe uri ubwenge bwose kandi ukora ibintuvyose neza. Turagusavye ngo Udufashe kugira ngo ubi bube u—ubutumwa ku bantu, kovy'ukuri twokwicisha bugufi, twese, maze tukaza munsi y'ukuboko kw'ImanaNyeninkomezi. Turakwihaye, Data, ko ibi ubiduha. Mw'Izina rya Yesu, Umwanawawe. Amen.

50 Rero, kugira ngo mbandanye, nariko ndavuga aho noheri ya mbere yaririmbwe,yaririmbwe n'Abamarayika i Betelehemu ntoya. Aho ni ho abo bantu bose bakomeyebavukiye. Aho niho isezerano ry'Umwami ryavukiye. Wa Mwami yasezeranwa yajengaho. Rero, ijambo… kugira ngo tunyarutse ubu, kugira sindababafatire umwanya muremurecane. I—isezerano, ijambo ryari iri, ijambo "Betelehemu." Reka turicagagure.Nasimvye bimwe muvyo nanditse hano kugira ngo ncungure umwanya. Rero,Betelehemu. Ijambo B-e-t-h risobanura "inzu." E-l risobanura "Imana," muGiheburayo. E-l-h-e-m ni "Umukate." Betelehemu, "inzu y'Umukate w'Imana." Nicoiryo jambo risobanura.

Amajambo, amazina, birafise insobanuro. Abantu benshi ivyo ntibavyemera, arikoni ukuri. Nimba amazina ata nsiguro kanaka afise, kuki izina Aburamuryategerezwa guhindurwa rikaba Aburahamu? Kuki Sarayi yategerezwa guhindurwaakaba Sara? Kuki Sauli yategerezwa guhindurwa akitwa Paulo? Kuki Simoniyategerezwa guhindurwa akitwa Petero? Murabona, ivyo vyose birafise insobanuro,buri kintu cose kirafise insobanuro.

51 Kandi izina Betelehemu risobanura "inzu y'Umukate w'Imana." Rero, mbega ukuntuivyo bibereye Yesu, wa Mukate w'Ubugingo Budashira. Kristo ni We Mukatew'Ubugingo. Twese ivyo turavyizera, siko? Ukuntu Betelehemu ibereye ngaho,ikigo c'umukate c'isi, cari ikigo c'umukate w'Ubugingo Budashira. Nico gitumaUmwami yategerezwa kuvukirayo. Yavuze, muri Yohani Mweranda 6:35, ati: "Nijewe Mutsima w'Ubugingo wamanutse uvuye ku Mana mw'Ijuru. Ba sogokuruza banyubariye manu mu bugaragwa, ariko bose barapfuye. Ariko uwu Mutsima, nihagiraumuntu arya kuri uwu Mutsima, azobaho ibihe vyose." Rero, Yesu ni We Mutsimaw'Ubugingo, kubw'ivyo rero Umutsima w'Ubugingo wategerezwa kuza i Betelehemu. NiWe Mutsima wacu w'Ubugingo kubw' urugendo, nka Isirayeli. Imana yahaye Isirayeliumutsima uvuye mw'ijuru, kubw'urugendo rwabo, igihe bari mu rugendo bava ahobavuye muri Egiputa berekeza mu gihugu c'isezerano. Umukate, mw'ijoro, warakorokauvuye mu kirere. Kandi natwe Imana yaraduhaye Umukate w'Ubugingo kubwo urugendorwacu, waje i Betelehemu, inzu y'Imana y'Umukate. Murabona uko vyategerezwakumera? Hategerezwa kuba aho iryo zina ryambazwa, Betelehemu, "inzu y'Umukatew'Imana." None ni gute yari gushobora kuvukira i Yerusalemu? Ni gute yarigushobora kuvukira i Ramoti-Gileyadi? Murabona, Yaje aho Izina ryiwe ryari riri"inzu y'Umukate w'Imana."

52 Oh, nimurabe, Isirayeli yaronka umukate mushasha buri joro, umanutse uva mw'Ijuru,kubw'urugendo rwabo. Kristo niWe Bugingo bwacu, Umutsima w'Ubugingo, kandi burimunsi turaronka ubushasha buvuye muri Kristo, buvuye mw'Ijuru, Mpwemu Yera amanukaku wizera buri munsi. Bishasha!

Ivyo twacishijwemwo ejo, abenshi muri twebwe tubaho twihaya ivyo twacishijwemwoejo. Ntidutegerezwa gukora ivyo. Ni ivyo ducishwamwo uyu munsi! Nico kibazo c'amadiniyacu, babaho bihaya ivyabaye kuri John Wesley, ivyabaye kuri Dwight Moody,Finney, Sankey, Knox, Calvin, n'abandi benshi hariya inyuma. Babaho bihayaivy'abo bacishijwemwo. Ariko, mwibuke, umutsima wamanutse, bakagerageza kuwubikagushika bukeye, waca ubora, inyo zaca ziwinjiramwo, utugera. Kandi iyo niyongorane uyu munsi, amariba yanduye, kubeshwaho n'umutsima wa kera uboze.

53 Dutegerezwa kugira ikintu gishasha kiva kuri Kristo, Ijambo ryiwe uyu munsikubw'iyi saha. Murabona? Niwe mpemburo yacu, Umutsima wacu ugwa buri munsiuvuye mw'Ijuru ku wizera. Ni We Betelehemu yacu, Inzu y'Imana yUmutsimaw'Ubugingo Budashira. Kristo yavukiye i Betelehemu, ahinduka Inzu y'Imanay'Umutsima w'Ubugingo Budashira. Ni We Mutsima w'Ubugingo. Ni We Betelehemuyacu. Kristo ni We Betelehemu yacu. Umutsima usanzwe witwa "inkingiy'ubuzima." Twita umutsima usanzwe, nka wa mukate wacu uhwahwutse, n'ibindibintu tubona, vyitwa inkingi y'ubuzima. Yesu ni We nkingi y'Ubuzima

y'Imana,U—U—Umukate w'Inkingi y'Ubuzima kubw'Ubugingo Budashira. Nk'uko inkingiy'ubuzima yitwa umutsima, Yesu, nk'Umutsima w'ubugingo, ni We Nkingi y'Imana y'Umutsimaw'Ubugingo Budashira kuri twebwe. Murabona?

54 Ntidushobora kugenda, hategerezwa gupfa ikintu kanaka kugira ngo dushoborekurya. Muri iki gitondo muriye, murya ibintu vyapfuye. Hatagize igipfa, ntimushoborakubaho, kuko mubeshwaho gusa n'ibintu vyapfuye. Iyo muriye inyama, ingurube ibayapfuye. Uriye inyama y'ingurube, ingurube iba yapfuye, ata nkeka. Hanyuma iyouriye inyama y'inka, inka iba yapfuye. Wovuga uti: "Ariko nrya umukate." Inganoziba zapfuye. "Kuki, nariye imboga." Ivyatsi vyapfuye. Ubeshwaho gusa n'ibintuvyapfuye, kandi niyo nzira yonyene ushobora kubaho.

Rero, nimba ushobora kubaho bisanzwe, ubeshejweho n'ibintu vyapfuye, ikintukanaka categerejwe gupfa kugira ngo ubeho bisanzwe, mbega ukuntu hari Ikintu categerezwagupfa kugira ngo ubeho Ibihe Bidashira! Kristo yarapfuye, kugira ngo tubehoIbihe Bidashira. Kandi yahindutse Inzu y'Umukate w'Imana w'Ubugingo Budashira,dufata, ubushasha, buri saha y'umunsi, umanuka uvuye ku Mana mw'Ijuru,mw'ishusho ya Mpwemu Yera, agaburira imishaha yacu ishonje mu gihe twicaye hamweahantu ho mw'Ijuru. Ni We Betelehemuyacu.

55 Rero abahungu b'Imana bose b'ukuri bizera bavukira i Betelehemu hamwe na We. NimbaKristo yategerezwa guhinduka Umukate w'Ubugingo, ngo avukire i Betelehemu,ariyo Nzu y'Umukate w'Ubugingo, rero uwo ari we wese mu bizera Kristo b'ukuriavukira muri Kristo, bavukira muri Betelehemu y'Imana. Amen. Rero, si uko Yesuyavukiye i Betelehemu gusa, nanje navukiye i Betelehemu, nawe wavukiye iBetelehemu. Wabikoze gute? Hano nyene i Phoenix, muri Arizona, muri iki gitondomuri Ramada, urashobora kuvuka ubwa kabiri muri Betelehemu y'Imana, Inzuy'Umukate w'Ubugingo Budashira. Wurye ubeho ibihe vyose!

56 Kubera iki Betelehemu ntoya? Ni uyu musi ngo, "Kuber'iki akagwi k'aberandabivumbagaza? Kubera iki ibi, birya na biriya? " Abantu ntibazi ivyoari vyo.

Ariko Mpwemu arabihishura. Ijambo rirabigaragaza. Ni ukugaragazwa kw'Ijambory'Imana. Dufise Ubugingo biciye muri Kristo, kandi We wenyene. Amashirahamweyacu, amadini yacu, amatandukaniro yacu, bidutandukanya gusa n'Imana. Dufiseuburyo bumwe bwo gushika ku Mana, ivyo navyo bica muri Yesu Kristo. Nta bundiburyo dushobora gucamwo, nta muherezi, nta muvugabutumwa, nta mukorere, cankeikindi na kimwe, kiretse Yesu Kristo gusa We yabambwe. Ni We Mukate w'Ubugingo w'Imana,kandi twavukiye muri We. Kandi nimba ari We Mukate w'Ubugingo w'Imana, niukuvuga rero ko ari Betelehemu. Kandi kuba twavukiye muri Kristo, rero turi abavutseku Mana i Betelehemu, muri Kristo Yesu, twicaye hamwe ahantu ho mw'Ijuru, tumuryako.Tumuryako! Ni nde? Ni Ijambo. "Ubwa mbere na mbere Jambo yariho, kandi uwoJambo yari kumwe n'Imana, kandi Jambo yari Imana." Kandi iyo dushoboye kwicaradufise intego imwe, Ijambo ry'Imana, kandi tukarifungurako, turi muriBetelehemu ya y'Imana, turya Umutsima wa mpwemu w'Imana, kandi imishaha yacuishimangira Ijambo ryose yavuze, hamwe na "Amen!" Turanezererewe ibivyo Kurya vy'Abamalayika vyo mw'Ijuru.

57 Iyo rivuze ngo: "Ibi bimenyetso bizokurikira abizera." Nemera cankeidini rikavuga riti: "Oh, siko bimeze." Ariko umuntu nyawe yavukiye iBetelehemu, avuga ati: "Amen!"

"Ibikorwa nkora muzobikora." Idini rivuga riti: "Ni umugwi w'ibishobishovy'ibihingurano." Ariko umwenegihugu nyawe w'i Betelehemu avuga ati:"Amen," kuko aranyuzwe, Ng'izo Imfungurwa z'Abamalayika.

"Nimwaguma muri jewe, amajambo yanje akaguma muri mwebwe, sabe ico mushaka, muzogikorerwa."Amen.

Oh, abishize hejuru n'abanyabwenge ntibazigera babibona. Twishimikiza cane imigenzoyacu y'abakurambere, ku buryo bidusaba kujana amakarata n'ibindi vyose kugirango turonke igicaniro kanaka. Ivyo si vyo. Urashobora kwinjira ku gicaniro c'Imanamu kwicisha bugufi. Injira mu nzu y'Umukate w'Ubugingo, Yesu kristo, kandiubeho ibihe vyose mu Nyonga ziwe, kandi uduzwe ahantu ho mw'Ijuru muri KristoYesu, musangire Ijambo. Iyo ni yo Betelehemu y'Imana.

58 Ni bangahe muri twebwe bari muri yo iki gitondo? Ni bangahe bafise ubushake bwokwibagira imigenzo yabo, ni bangahe bafise ubushake bwo kwibagira nemera zanyuzidahuye n'Ijambo? Kuki tudafise umuvyuro? Kuki tudafise ibi bintu bibandanya? Pentekoteifise ingorane nyabaki? Ryarigize idini. Ni ivyo. Ntimushobora kugira Pentekotiidini. Murashobora kugira idini. Ariko Pentekoti ni umuhezagiro, ni Inkomeziz'Imana. Kandi nimba ari pentekoti y'ukuri, ntizigera ica ku ruhande Ijambokubwa nemera. Izofata Ijambo. Nivyo, kuko yakebwe kw'isi no kuvy'isi. Yicayegusa kw'Ijambo ry'Imana, kandi ikaryizera. Turi i Betelehemu, abatorewe ubwamibw'Imana. Turiko turarya Umutsima w'Ubugingo Budashira w'Imana. Yavutse,Umukate w'Imana, wavukiye i Betelehemu, kugira ngo uhinduke Umukate wo mu buryobwa mpwemu w'Ubugingo, w'Ubugingo Budashira, mu nzu y'Imana. Oh, bagenzi! Yavukiyei Betelehemu, turi, muri iki gitondo, iyo tuvukiye muri Yesu Kristo, kuko ariBetelehemu y'Imana. Yesu ni Inzu y'Imana

y'Umutsima w'Ubugingo Budashira.

59 Kandi ni We Mazi yacu kubw'urugendo. Rero, turazi yuko We ari Amazi. Nka kumwekwa Isirayeli mu rugendo rwabo, canke bakubise igitandara urutare umutsima wabonawo umanuka uvuye mw'Ijuru, ariko igitandara carakubiswe kugira ngo bashoborekukinywako kugira ngo ubuzima bwabo bubandanye mu rugendo. Imana yakubise igitandara, cankeyasavye Mose kubikora, umuvugishwa wayo, akubita igitandara. Vyari iki? Funguraigitandara. Nimba… Ico gitandara cari Kristo. Muravyizera? Neza cane. Rero nimbaumuhanuzi yaruguruye igitandara kugira ngo ubugingo bushobore gusohoka, Rero,nimba ari Igitandara, uyu munsi dukeneye Mpwemu Yera mu muntu kanaka azongeragukubita Igitandara, amen, maze akareka Ijambo rigasohoka, kuko ari Ijambo.

60 Twaciye ku ruhande za nemera maze tunywa amazi y'ibiziba ava mu mariba. Icodukeneye uyu munsi ni ukugururwa kw'Ijambo ribaho, kandi ni uko Yari ari ejo, n'uyumunsi niko ari, kandi niko azokwama ibihe vyose. Ntashobora gutsindwa. Barashoborakuvyita gusoma ivyiyumviro vyo mu mutwe, barashobora kuvuga ivyo bashaka, cankeuwukorana n'impwemu mbi, canke -canke umurwanizi, mu gihe cose iryo Jambo ritembaryisanzuye kandi ritanga umusaruro neza nk'uko ryavuze ko ryokoze, Ni Isoko munzu kwa Dawidi kandi, gusubira i Betelehemu, aho uwo Yesu Kristo wa wundi nyeneejo hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose, kubaba i Betelehemu biWe. Bana na Vyo, bamuri Vyo, ni Amazi y'Ubugingo mu rugendo kuri twebwe nk'uko Isirayeli yari iyafise.

61 Kimwe mu bintu bikomeye Dawidi yacishijwemwo, nimba mushaka kubisoma muri 2 Samweli35:15, guhera, turasoma ngaho yuko Dawidi, yavukiye i Betelehemu, ariko nyamaraahinduka umuntu w'impunzi. Oh, mbega biboneka! Muri ico gihe, Abafilisitiya bashinzeibirindiro, mu gihugu, kubera ko Sauli, umuntu ahambaye yashoye Abisirayelibose mu caha, yari yaraguye ava ku Mana ahinduka umwansi w'Imana, kandi yariyakikujwe n'ingabo, Abafilisitiya bari bakikuje i Betelehemu. . Dawidi,agerageza gusubira imuhira, ntiyabishobora, yari mu bugararwa kuko yari yarahindutseimpunzi kuri abo bantu, canke, yari yarirukanywe.

62 Mbega ishusho nziza ya Kristo uyu munsi, impunzi. Niko Ari. Rero, uravuga uti:"Ivyo ntibishoboka." Ni vyiza, nimba wemera Bibiliya, ni Bibiliya.Bibiliya yavuze, mu Gihe c'Ishengero rya Lawodikiya, yuko Kristo yari hanze y'iryoshengero, adodora [Mwene Data Branham adodoye ku gicaniro—Umw.] Agerageza kongerakwinjira mw'ishengero ryiwe bwite. Impunzi ni ikintu canswe, cashibuwe. KandiIjambo na Mpwemu vyanswe. Ni vyo. Ntushobora kwinjiramwo. Urinze umwakira, utegerezwagusohoka ukavayo kugira ngo umuronke. Utegerezwa kumusanga hanze. Ntashoborakwinjira. Barashinze imizi cane ku myizerere yabo ku buryo ba—batokwemerera kubabwira ivyo bintu, ntibakwemerera kwizeraivyo bintu.

Baravugabati: "Urizera ko wa wundi nyene?"

"Oh, mu buryo kanaka, ni wa wundi nyene." Rero, uko si ukuba i Betelehemu. Oya,oya. Uko ni ukunywa ku mazi y'ibiziba yo mu mariba, hariya inyuma, umutsima wakera waboze wamanutse mu myaka myinshi ishize. "Naka na naka yabivuzeko iki?" Kumbureko bari mu kuri mu gihe cabo. Iki ni ikindi gihe. Uyu ni Umunsi w'Uhoraho! Ikini ikindi gihe c'ishengero, atari ica Filadelufiya. Iyi ni Lawodikiya. Ni icokwankwa, kandi Kristo yahindutse impunzi mw'ishengero ryiwe bwite, asunikirwahanze. Ni ingenzi.

63 Arashobora kumanuka agakora igikorwa neza na neza mu bantu, agakora nka vya bintunyene yakora hano, akavuga ko yokongeye kubikora mu minsi y'iherezo, agatanga vyabimenyetso nyene n'ibintu yavuze ko yokoze nk'uko vyari bimeze mu minsi yaSodomu. Turazi ivyo yakoreye Ishengero hariya.

Turabona Billy Graham, nk'uko vyari bimeze, izo ntwarabutumwa zamanutse mumashengero y'amadini, zivuga ubutumwa hariya, no kubahamagara ngo basohoke,zibabwira kwizera Ijambo no kuva muri Sodomu.

64 Umugwi wa Aburahamu ntiwari muri Sodomu, bari braamaze guhamagarirwa gusohoka.Raba Umumalayika, ivyo yabakoreye hariya, nk'imenyetso, bamenye. Kandi ikintunk'ico nyene kirashobora gukorwa, abantu bakavuga bati: "Oh, erega, ivyontituvyizera." Kubera iki? Kubera iki? Kubera ko bahinduye Kristo impunzi mumadini yabo, ni abanyamahanga cane kuri Vyo, Abapentekoti n'abandi bose. Rero,uko ni Ukuri kwose. Ndazi yuko ivyo bibabaza. Ariko, nimwumvirize, nimba hariibitagenda… Ni—nimba ari Ukuri, bizobabaza. Kandi uko ni ukuri. Bitegerezwakuba Ukuri.

65 Rero, nimurabe Dawidi, igihe yari hariya ruguru, Dawidi yarose intsinzi ziwe zikomeye.Yari mw'isenga, aba inyuma, kure, nko kuri mayili cumi na zitanu kure y'igisagara.Arahaguruka maze abona ko ngaho, igisagara ciwe yakunda cane aho yavukiye,n'aho yari yarasigiwe amavuta ngo abe umwami, n'i—n'ibindi ngaho.

Ababa muri Isirayeli, muri iyo minsi, bari bameze nk'uko biri uyu munsi muBudagi. Bafise ibisagara bitobito. Hanyuma bakaba mu bisagara kubw'umutekano,hanyuma bakajana intama zabo n'ibitungwa vyabo ha mu gahinga kubiragira,bakongera bakabicura. Kandi mu gihe c'umugoroba, bakabishira mu mpongore.

66 Dawidi ariko araraba igisagara, atangura kwibuka ibikorwa bikomeye Imanayamukoresheje, intsinzi zikomeye Imana yari yaratsinze imukoresheje. Ukuntuumunsi umwe mu gihe yari aragiye intama ziwe hejuru ku musozi aho yari ari,aryamye hariya mu kibara c'ubwatsi buremvye, n'ibindi, idubu yaraje ifata imwemyagazi y'intama irawutwara. Aca arayikurikira, yica iyo dubu. Imana yaramuhayeintsinzi kuko yari yatumwe na se kugira ngo yiteho izo ntama. Ico nico cari—ni cocari igikorwa ciwe, kwitaho intama!

O mwungere, ico nico gikorwa cawe! Kandi barya ivyo Kurya vy'intama, atari ibitabuvy'intonde. Ivyo Kurya vy'intama, Ijambo ry'Imana!

Uwundi muntu yariinjiye afata imwe, aca asohoka yihuta. Uwundi muntu arinjiraafata imwe arasohoka yiruka, yayigiye inyuma. Intambwe yarinjiye ifata imwe,arayikurikira. Ntiyashirwa kugeza ayironse.

67 Ivyo vyamuhaye iyo ntsinzi ikomeye umunsi umwe, igihe yabona Abisirayeli bosebazigirijwe. Murabona, Isirayeli yari yarumvise imyizerere yose n'ibintu vyose.Bose bari bafise, bose baraja mu rusengero. Bose bari barakebwe. Bose baraja kumuherezi bakaronka imihezagiro yabo imbere yuko baja ku rugamba. Ariko igihehagera muri nankana, y'Indengakamere, babaye, bose, ibijora, kuko babona ikintukije kibarwanya. Kandi ntibari bafise ubutwari, nti—ntibari bafise ico twokwitauwu munsi, mu—mu mvugo yo mw'ibarabara, ntibari bafise i—i—ishaka rikwiye. Harihoikintu kibuze. Ntibashobora gusohoka ngo bahangane nico kigatanya. Kubera iki?Ariko bose bari bahezagiwe n'umuherezi. Bari bafise imihezagiro myeranda kuribo, kandi bari bafukamye kandi kumbure baranasigwa amavuta yera, uko vyari birikose, kandi bose bari bahagaze aho. Ariko igihe igihanganye nabo cari gikomeyecane, ntibari babifise.Sauli yari ngaho, umugenzuzi mukuru canke umwepisikopi, ahagaze ngaho, umutwen'ibitugu hejuru y'ingabo ziwe.

68 Hanyuma arabacokora, Goliyati niwe yabikoze, avuga ati: "Ninamwica, muzotuberaabaja. Ariko aramutse anyishe, nitwe tuzoba abaja banyu. " Ariko igihanganyenabo cari gikomeye cane. Yari afise intoki zipima santimetero mirongo itatu,zari kuba santimetero mirongo itandatu ufashe ikiganza cose. Rabe ikiganza yari afise ukocangana! U—urushinge, urushinge rushona, nk'icumu ryiwe yari afise. Kandi niwibazeuko umutwe wiwe wangana, wahakwa kungana n'ibase. Kandi hariho n'i—inkofero,santimetero zibiri canke zine z'ubwaguke, z'umuringa, iri ku mutwe wiwe. Rabeibirwanishwa, ibice vy'ibirwanishwa nka rimwe muri ya madirisha manini, aho yashobora guhumeka nokwimuka, uko niko ivyo birwanishwa vyakora. Hamwe n'ikoti rinini ry'icuma yariyambaye, ryashobora gupima ibiro mirongo ine na bitanu, canke ibiro mirongo icenda, vy'umuringa,biri ku gikiriza ciwe. Hamwe n'a—n'agakobero, icumu mu minwe, kumbure rifiseuburebure burebwa metero cumi.

Ico umwansi ashobora gukora mu gihe yibaza ko akurusha inguvu! Ivyo yibaza koashobora gukora, ese ukuntu azikakisha! "Iminsi y'ibitangaza yaraheze. Ntushoboragucika n'ikintu nk'icyo. "

69 Ariko haje umuhungu muto asa n'uwutagira inkomezi atari afise ubumenyi na bumwebwa tewolojiya, ariko yari afise ubumenyi bw'uko Imana ikiri Imana. Imana irashitsaIjambo ryayo. Nguyo araje. Sauli aravuga ati: "Hinge gato, ngira nda—ndaguhe indangabumenyi mu vy'indimi."

Amwambika inkofero yiwe, aragenda, imuta hasi. Nta kintu na kimwe yari azi kuriivyo. Avuga ati: "Nta na kimwe nzi ku bintu nk'ibyo." Avuga ati: "Ntavyo nzi.Ariko ndazi ikintu kimwe, ko mutinya kuja kurwana na kiriya kigatanya? Kandi muhagazehano mwiyita Ishengero ry'Imana nzima, hanyuma mukareka uwo mutizeraw'intakebwa agahagarara ngaho yikakisha nk'uko? " Avuga ati: "Ndajakumurwanya!"

Yoo, dukeneye umuntu nk'uwo uyu munsi, umuntu afise ivyo yacishijwemwo!

70 Yakoze iki, Dawidi muto w'i Betelehemu yakoze iki? Yaciye agenda hariyakurwanya ico kigatanya. Ico kigatanya caramuvumye mu mazina y'imana zaco,imana, mu bwinshi, kimuvuma mu mazina y'ibigatanya vyaco, canke imana zaco,maze kirasohoka, kivuga giti: "Uyu munsi ndagutungira kw'icumu ryanjekandi ndamanika umuvyimba wawe hariya hejuru mu giti ndawugaburire inyoni."

Avuga ati: "Uje guhura nanje nk'Umufilisitiya, mw' izina ry'Umufilisitiya,ufise ibirwanishwa n'icumu, ariko jewe nje guhura nawe mw'Izina ry'UhorahoImana ya Isirayeli." Vyari iki? Ijambo! Ijambo, "Nje guhura nawe n'Ijambo." Avugaati: "Uyu munsi ndaguca umutwe ndawukure ku bitugu vyawe." Icokigatanya kiratwenga kiraheza kiraza ngo bahangane. Kandi Dawidi ntiyasubiyeinyuma, na we nyene aragenda ngo bahangane. Hariho ahantu hamwe hato gusa,kandi Imana yararongoye ibuye ryiwe.

71 Dawidi rero, aryamye hano nk'umuntu yahunze, yariko ariyumvira kuri ivyo,ukuntu iyo ntsinzi ikomeye yari imeze. Rero ategerezwa no kuba yaratanguyekwiyumvira ku ma zaburi, ukuntu rimwe na rimwe hariya mu misozi hanze yagaramaagatangura kuzirikana ku Mana. Yavuze yuko yashize amabwirizwa ya—yayo ku mutwe w'igitanda ciweno ku ntoke ziwe, n'aho aja hose. "Nama nshira Uhoraho imbere yanje, imisiyose, kandi sinzonyiganyizwa." Yagumiza Imana imbere yiwe. Mbega Intsinzi zikomeyeyagize! Iyo yahumekewe cane, yari umwanditsi wa zaburi, yarasimba agafataikaramu yiwe akandika zaburi akongera akaziririmba. Yarinjira muri Mpwemu,agatamba ari muri Mpwemu yandika ayo mazaburi. Kandi ategerezwa kuba yaraciyekuri zaburi zitandukanye, "Uhoraho ni We Mwungere wanje, sinzokena. Andagiramu canya c'ubwatsi buremvye," Zaburi ya 23," Andongorera iruhandey'amazi adasuma. Yansubijemwo ubugingo

bwanje. Oh, anyoborera mu nzira zokugororoka kubw'Izina ryiwe. Kandi, egome, nubwo noca mu kiyaya c'igitutuc'urupfu, sinzogira ikibi ntinya. Uri kumwe nanje.”

72 Kandi mu gihe yariko ariyumvira kuri ivyo bintu, utegerezwa kuba wari umunsiw'indugumba, aca yumva inyota, atugutiwe kandi abira indugumba. Yarashoborakuraba epfo mu kiyaya ari ku mpinga z'imisozi, ku ruhande rwo mu buseruko cankerwo mu burengero, canke hari ku ruhande rwo mu buseruko, rw'igisagara, igiheyaraba epfo maze akabona aho Abafilisitiya basagaje aho hose, ibihumbivyabobakikuje hirya no hino. Abona iryo riba rya kera aho yahora anywa amazi. Oh,atangura kwibuka mu gitondo kimwe aho yajana intama ziwe, akaja ku—kuziragira, yaraca hampande y'iryo riba ryakera, kuko hari ahantu heza h'amazi. Hanyuma akajayo akanywa amazi, akongera akanywa,agashora intama ziwe zikanywa. Ukuntu hariya i Betelehemu, aho yavomera intamaziwe.

Aho niho neza na neza Imana Ivomera intama zayo uyumunsi, i Betelehemu kandi, niAmazi meza apfutse.

73 Yarasemereye ati: “Ise icompa kongera kunywa kuri rirya riba!” Ngiye kurangizaubu, nimwumvirize neza. “Icompa amazi!” Imbere muri we yarira avuga ati: “Eseiyaba nokongeye kunywa rimwe gusa kuri ririya riba ry'i Betelehemu.” Ivyifuzovyiwe vyari icagezwe ku bamukunda. Mwibuke, umushaha wiwe wariko uririra kunywaayo mazi. Kandi abamukunda, icifuzo ciwe gito cari itegeko. Tubwirwa yuko umwemuri… batatu muri abo bagabo baciye baja hamwe, abantu b'abahizi. Umwe yisheamajana umunani, wenyene. Uwundi atarukira mu kinogo yica intambwe. Umwe yafashe inkoni maze akura icumu mukuboko kw'Umunyegiputa, araheza amwicisha icumu ryiwe bwite, ahagarara mumurima nk'ko, yica abantu amajana atatu bamukikije. Abagabo b'abahizi! BariAbanyamahanga. Raba aho baturuka.

74 Dawidi hano ni ikigereranyo ca Kristo, Betelehemu, kubera ko Kristo ari Umwana waDawidi. Hano arahagaze, aririra kunywa kur'ayo mazi. Kandi icifuzo ciwe cariitegeko, niko navuze, ku bamukunda. Batatu bo muri abo bagabo baciye basokororainkota zabo barwana n'abantu ku bilometero mirongo ibiri na bitanu, bamanukamuri ico gisagara. Mugihe abandi barwanira kubungabunga… Bari abagabob'indwanyi z'abahizi, abo Bafilisitiya, babaruta ubunini incuro zibiri, bamwebamwe muri bo. Ariko bari abagabo, b'intwari, bashobora kurwana. Umwe muri boyishe, ahagarara wenyene, yica abantu amajana umunani hafi yiwe, ku munsi umwe.Bari abantu bakomeye, bizigira Imana. Barizera umurongozi wabo. Baramuciriyeinzira, kugeza igihe bamwe muri bo baciye maze uwundi avoma indobo y'amazi,maze bongera baca inzira basubira ku bindi bilometero mirongo ibiri vy'abantu, bayazanira Dawidikugira ngo ayanywe.

75 Hano Kristo arerekanywe hano muri ibi, vyompi Umwami n'Umurwanyi, kuko yiciriyeinzira. Yarasambuye ibirindiro vy'umwansi vy'urupfu. Yarasambuye ibirindirovy'umwansi, kugira ngo, neza, dushobore kuronka Ubugingo Budashira, Amazi y'UubugingoBudashira. Yaraciye ndetse no mu rupfu, yishirako urupfu, apfa urupfu, yongera aragarukakugira ngo tugire Ubugingo Budashira. Ni vyompi Umwami n'Umurwanyi. Ntitwanesheje,vyaramaze kuneshwa! Ntitwigeze dutsinda urupfu, Yaradutsindiye urupfu! NiDawidi wacu w'iki gihe. Yaratsinze urupfu. Umutsima n'Amazi vy'i Betelehemu.

76 Betelehemu yari ihuriro. Mwebwe abanyakahise ivyo murabizi, yuko ryari ihuriro.Cari igihugu kinini cimbuka ingano, bivuye ku kuvomera n'ibindi. Barashoborakuronka umwibu munini w'ingano. Kandi ni n'ahantu h'amazi meza cane. Hariahantu h'umukate n'amazi muri Palestina.

Kandi uyu munsi, niyo twoba dufise amadini angana gute, abandi bangahe biyitabene Data, kandi, barashobora kuba bo, ariko Kristo ni We Betelehemu y'uwizera.Ni We kibanza c'Umutsima n'Amazi. Metodiste, ni vyiza kuri mwebwe; ni vyizakuri mwebwe Ababatiste, mwebwe Abapentekoti, namwe bandi mwese. Vyose ni ahantuhamwe, ni Betelehemu. Niho Umutsima n'Amazi y'Ubugingo bituruka. Ego.

77 Hano ni Umutsima wacu, Umutsima w'Imana n'Amazi kuri twebwe. Ni we huriro,ahantu honyene ushobora kuza ukawuronka, ni kuri We. Inzu y'Imana, mu muntuyitwa Yesu Kristo, Betelehemu yacu, Umutsima n'Amazi vy'Ubugingo Budashira. Kandini Ijambo ryambaye umubiri. Ng'iri Ijambo, Umutsima n'amazi vy'Ubugingo. Abaheburayo13: 8 havuga hati: “Uko yari ari ejo hahise, n'uyu munsi niko ari, kandi nikoazikwama ibihe vyose.” Ivyo bimugira Betelehemu yacu, ahantu h'Umutsima n'Amazi,ahantu honyene h'Ubugingo Budashira.

78 Nimurabe Dawidi, mu kuronka amazi, ntiyigeze ayanywa. Yavuze ati: “Imanairakabindinda. Aya ni amaraso y'abo bagabo bashize mw'irinde ubuzima bwabo, ”mukuja kumuzanira ayo mazi. Nimwihweze! Yaciye ayamena hasi, nk'ishikanwa ry'amaziashikaniye Imana. Amen! Bagabo, bene Data, duza ukwizera kwanyu akanya gatogusa. Yaranse kuyanywa, ubwiwe. Aca ayasuka hasi, nk'ishikanwa ry'amaziashikaniye I—Imana.

Ese ukuntu ivyo bihuye na Yohana 3:16, aho Imana yakunze cane abari mw'isibituma itanga Umwana wayo w'ikinege. Yesu, Umwami w'Ubugingo, yaje hano, ntabwoyategerezwa gupfa. Yaranesheje urupfu ubwiwe, maze asesa Amaraso y'UbugingoBwiwe bwite hasi, amen, nk'ikimazi c'ivyaha vyacu. Ni We Gitandara cacucakubiswe. Hasi, Amaraso yiwe y'agaciro yahawe n'Imana.

79 Narumvise umuntu umwe avuga ejo n'ijoro mu butumwa, avuga ko baje ku… Ndizerako yari Billy Graham, mw'ijoro ryakeye, nariko ndamuraba igihe yavuga ko yagiyemuri Isirayeli akaja muri Palestina, maze avuga ati: "Naje kwizera ubwoko bwanyu,"ikintu nk'ico. Kandi vy'ukuri naramushimye igihe yagaragara muri ico kiganiroc'isi yose ejo n'ijoro. Abenshi muri mwebwe mwaramuneguye kukuba yarabikoze.Ariko, nimurabe hano, yari imbere y'igihugu cose ico gihe. Kandi ntiyigeze abihakana,yagumye ahagaze neza na neza ku vyo yizera. Kandi vy'ukuri ndamushima kubw'ivyo.Yavuze ati: "Naragiye muri Isirayeli ndababwira nti: 'Nsenga umwe mu Banabanyu,' mu yandi majambo, nk'aya."

Nca ndiyumvira nti: "Billy, ivyo ni vyiza cane. Ndashaka kubona izonkomezi Imana yatanze naho vyogusaba guhagarara ngaho hagati muri ukwogusayangana kwose kwa Hollywood no gushinga intahe ya Yesu Kristo, arikontiyari Umuyuda. " Yesu yari Imana, ntiyari Umuyuda. Mwibuke, akabuto k'amarasokava ku gitsina gabo. Kandi ntiyari umuntu, Umuyuda canke Umunyamahanga, yariImana yaremwe mu mubiri. Ntitwakijijwe n'amaraso y'Umuyuda canke amaraso y'Umunyamahanga,twakijijwe n'Amaraso yImana. Yari Imana, nta kintu na kimwe kigabanijweko.Ntiyari Umuyuda canke Umunyamahanga. Amaraso y'Imana arema muri We, duhinduka…Nimba yari Umuyuda canke umunyamahanga, twese twarazimiye. Yari Imana mumubiri. Neza.

80 Jewe sinsenga Umuyuda, nsenga Imana iyo ndiko nsenga Yesu Kristo. Sinsengaibititito kanaka canke ubwoko bw'ikintu kana c'akahise. Nsenga Yesu Kristo,Kubaho kwa Yesu Kristo aka kanya nyene, aririyo Jambo ryiwe rigaragajwe mur'ikigihe.

Imana mu bihe vyose yagabanganije Ijambo ryayo kuva mw'itanguriro, kandi igihecose kimwe muri ivyo bihe caba gishize, Imana irungika umuhanuzi asizwe kuriico gihe. Mu gihe ca Nowa, mu minsi y'abo bandi bose, igihe yasezerana.Sinitayeho uko imiterere ishengero ryinjiyemwo imeze, Yama ibikora igihe cose, irungikaumuntu asizwe. Kuko Ijambo ry'Uhoraho riza ku bahanuzi. Kandi hano yahagazeaho, buri muhanuzi, kandi yifatirwa mu gahanga n'amadini y'ico gihe, arikoyahagarara kw' Ijambo kandi agatuma Ijambo riba rizima.

81 Yesu yari ukunengesera kw'Ijambo ry'Imana, kuko yari ukunengesera kw'Ubumana muburyo bw'umubiri, kandi muri We haba ukunengesera kw'Ubumana. Imana yabayehomuri Yesu Kristo. Imana yari muri Kristo yiyuzuza n'isi. Si Umuyuda canke Umunyamahanga,ariko ni Imana! Ng'uwo yari ahagaze, yigira ubwiwe. Mbega ukuntu bikwiye! KandiAmaraso Y'Imana bwite yategerezwa guseseka kw'isi, kuva ku maraso y'intunganeAbeli kubandanya,kugira ngo aducungure. Ntiyafashe ubugingo bwiwe bwite, Ntiyumiye ku bugingobwiwe bwite; Yavuze ati: "Data, birashoboka ko iki gikombe condengana? Ariko,nyamara, ntibibe ivyo ngomba, ariko ivyo wewe ugomba bibe." Yishikanyekw'Ijambo.

Uyu munsi turashobora gukora nk'uko nyene. Urashobora mwo kimwe gufataimyizerere yawe, ugafata ibi na biriya, hanyuma ukaja aho ushaka hosenavyo; ariko urashobora kandi kuvuga uti: "Ntibibe ivyo jewe ngomba, arikoubugombe bwawe bube." Nimugaruke kuri iryo Jambo ry'Imana. Fate ibisharizovyanyu na Noheri hanyuma mukore ico mushaka kubikoza. Ariko mpa Yesu Kristo mumutima wanje, nubwo vyoba biciye bugufi gute, n'ingene abantu babitwenga, cankeico arico cose kuri vyo. Ni—nimurabe kamere kavyo, murabe nimba bikora nk'ukonawe yakoze. Niba atariko biri, kandi bikaba bidahuye n'iri Jambo, bireke, siKristo; kuko Kristo ari Ijambo.

Rero turabona ukuntu vyari bikwiye, Igitandara cacu, cakubiswe, Ubugingo bw'Amarasoyiwe bwasutswe hasi, ishikanwa ry'icaha ku banyabyaha. Betelehemu yacu, Amazi,Umutsima n'Ubugingo, vyatanzwe ngo vyeze twebwe abanyavyaha banduye.

82 Oh, mugenzi wanje munyavyaha, ni gute ushobora kwanka, mu buryo bw'ubupfunk'uko, ishikanwa nk'iryo, mu gihe Imana yatanze Umwana wayo w'ikinege, ikimazic'ibyaha, ngo umwizera wese, amwizera, ntazopfe rubi ariko ahabwe UbugingoBudashira? Nigute ushobora kwinjira muri We? Kubwa Mpwemu umwe twesetwabatirijwe muri Betelehemu imwe, Ijambo ry'Imana, aririyo Kristo yigaragajemuri iki gihe.

Kandi buri sezerano ryose Bibiliya itanga mur'iki gihe, Irindiriye koumuvugishwa kanaka ahaguruka akaza ku rubuga kugira ngo abigaragaze, Yarabisezeranyedukurikije Malaki 4. Bizokorwa. N'ubwo abantu bibaza bate ubupfapfa, bizokorwauko biri kose! Imana yarabivuze! Irashoboye muri aya mabuye! Imyizerere yacuntizovyakira, nimba amashengero yacu atazovyakira, Imana irashobora gusubira muruhongore, irashobora kuja aho ishaka hose. Ariko hazobaho umuntu umwe azohagarariraiiri Jambo ryavuzwe mw'iki gihe. Ikintu kinaka gitegerezwa kurigaragaza. Ntuzobaari umugwi, itsinda , nk'uko kandi utigeze uba wo.

83 O bane, barwanyi, mu gihe ndiko ndarangiza. Sinshaka kubagumiza hano umwanya murekire.Ngiye kurangiza aka kanya, Umwami abigomvye. Hasigaye iminota itanu ngo sa tanuzishike, canke iminota itandatu, nako. Nimurabe, O bane b'intwari, yewe muntuhano uvuga ko uri umwana! Wari uzi ico Dawidi yagereranya? Dawidi yerekanaKristo, Yari, Kristo yari Umwana wa Dawidi. Ubu rero nimwumvirize, mu gusozera.Abo barwanyi b'Abanyamahanga, benshi muri bo, murabona ko baturuka mu mihingoyose, ariko bari bazi yuko iyo mpunzi yari yarasizwe. Bari bazi ko Dawidiyanswe n'abantu biwe, ariko bari bazi yuko amavuta yari kuri we. Barashoborakubibona. Kubw'ivyo rero bahagaze kuruhande rwiwe, bapfa canke

babaho! Bari abagabo b'intwari, ntaco bitwaye ukoisi yo hanze itavyizera.

Abantu biwe bwite baramwirukanye. Ntibari bamukeneye namba. Sauli yaramwirukanye,umukuru w'iryo dini aramwirukana, kandi ntaho bari bahuriye na we, inamayaramwirukanye, maze ahinduka impunzi. Yategerezwa kuja aho ashoboye hose.Agezeyo, yari mu misozi, ariko hariho umugwi mutoya w'abantu, w'Abanyamahangan'abandi, bagize, baraba uwo mugabo bakamenya yuko yari agiye kuzoba umwami.

84 Niko bimeze no muri iki gihe hamwe n'abasirikare b'intwari b'ukwizera kw'iryo Jambo,bazi ko Ijambo risezerana ko Yesu Kristo azogaruka. Ntitunezwe n'amamiliyoniy'amadorari y'ibi n'amamiliyoniy'amadolari ya biriya. Ndajwe ishingano kugaruka kwa Kristo Yesu. O bahungu b'intwari b'Imana, mufise ingorane ki,uyu munsi muhagaze gute? Iyo tubonye ko Bibiliya ivuga ko ari umuntu w'impunziuyumunsi, yirukanywe mw'ishengero ryiwe, yirukanywe n'amadini. Kandi murabizi.Nta mpamvu yo kwihisha kuri ivyo, ni ukuri. Bibiliya yavuze yuko vyobaye uko.Nimusohoke muve muri ivyo bimenyetso vy'igikoko!

85 Nimurabe abo bagabo! Barasokoye inkota zabo. Vyari ibiki? Icifuzo ciwe cariukunywa amazi apfutse. Dawidi! Mbega ikigereranyo ca kino gihe, Dawidi wacu,Kristo, turazi yuko Yitwa umweranda yivumbagaza, Yaratawe ku ruhande rumwe,umunyakaguma muri vyose, yanswe n'amashengero. Barafise imyizerere yabo n'ibintuvyose vyateguwe kuri iyi Noheri nk'uko babigize kuri imwe yambere. Ivyo turabizi,ariko turazi yuko iri Jambo rihora ari ukuri, kandi ritegerezwa gushika. Kandiicifuzo ca Kristo nuko abantu, abarwanyi, bahagarara! Amen!

86 Oh, ngwino, muhagararane hamwe nanje, iruhande rwanje. Mpagaze ahantu hateyeubwoba. Ndahinyuje uyu musi! Aya ma bande arazunguruka isi yose. Ndasaba umuntuwese, umurwanyi akunda Yesu Kristo, azi yuko ivyo bintu bitegerezwa gushika uyumunsi, bene Data, ngwino muhagarare iruhande rwanje maze mukwege Ijambory'Imana. Nimwibagire ayo mariba yumye n'amadini y'ibiziba murimwo. KwegaIjambo rishasha ry'Imana, reka duhe Yesu ikinyobwa ciza c'Amazi meza yaPentekoti! Ico nico cipfuzo ciwe uyu munsi, gusubira kuri Pentekoti yo kunkomoko, gusubira kw'Ijambo! Vyaravugishijwe ko twobikoze, muri Malaki igice ca4, "Kugarukana Ukwizera kw'abana kugasubira ku kwa ba se kandi."Ninde yohaguruka muri iki gitondo?

87 Nka Dawidi, turazi yuko Dawidi ariko araza ku ngoma. Yesu Kristo agiye gufataisi. Yarazwe isi, Agiye kuba Umwami kw'isi. Yanswe uyu munsi, Ni impunzi mu bantubiwe. Koko, Ni umuntu yahunze isi, niko yamye. Ariko uyu munsi ni impunzikw'ishengero ryiwe bwite, baramwanse, bakunda imyizerere yabo n'abanyacubahirobakomeye aho kuba Ijambo. Ntibamwemerera ko yigaragaza. Ntibamureka ngo ryigishwemu bubasha bwiwe. Baritandukanije na ryo, nkuko nyene Bibiliya yavuze kobobikoze mu Vyahishuwe 17. Bariko bakora iki? Kuduga hano uyu munsi, kandi bosebaja muri ya bwa Bumwe Mpuzamashengero. Ivy'Igikatolika n'ivy'Igiporoti barikobaja hamwe, bakora ikimenyetso n'igishushanyo ca ca gikoko. Kandi Abaporotibagwa kuri ivyo, Abapentekoti ahantu hose. Abanyacubahiro baja i Roma, kuvakuri Pentekoti, bakagaruka, bavuga bati: "Ahantu ho mu mpwemu cane!"Kandi muri Texas n'ahandi hose, bariko barugurura kandi batanga insobanuro ku bituro nibindi, baziko iyo ari imyizerere iriko irinjizwa muri iri Jambo.

88 Yemwe ababa i Betelehemu! Haleluya! Ndahamagarira abagabo, abarwanyi badatinya.Sinezwe nimba hari amajana umunani bahagaze ku ruhande rumwe n'ibihumbi cumi kurundi ruhande, ndashaka abarwanyi bajana nanje maze bagaca igitoboro muri icokirindiro c'Abafilisitiya batizera bwa Bumwe bw'Amashengero bwazingiye Ijambory'Imana, bugerageza kurigira imyizerere no kugaburira abantu. Hariho Iriba, harihoIsoko yuguruye mu nzu ya Dawidi, Betelehemu, kuw' icaha no guhumana. MweneData, icaha ni ukutizera Ijambo ryiwe!

Ninde murwanyi ashobora kubona ya Nganji y'imyaka igihumbi ije? Ni nde murwanyiashobora kubona uwu Mpwemu Yera ahambaye aje mw'ishusho ya Yesu kristo, umubirinyawo wa Kristo aje kongera gufata ubutegetsi, hagararana nanje. Hagarara iruhande rwanje! Reka duce igitoboro muri iyi myizerere y'ikidini. Rekatwinjireyo! Ariko araririra ikinyobwa ciza c'Amazi ya Pentekoti, Pentekoti yoku nkomoko, atari umugwi ukora ibitaroranye, guvuza induru, kuvuza urwamo. Hanonshaka kuvuga umubatizo wa Mpwemu Yera nyakuri usubiza Ubugingo bwa Yesu Kristomu muntu.

89 Mbabarira nimbanababababaje. Oya, ntimubikore. Ndiko nkora ibi mw'Izina ry'Umwami Yesu. Garuka!Hagarara, wa mugabo w'intwari ubona Dawidi ahagaze hakurya! Yesu Kristo,yahunze ishengero ryiwe, yazibiwe n'imyizerere yabo. Hariho Isoko nziza irihariya hakurya. Amen. Hariho ubushobozi bwo gutuma iri Jambo ryongera kubarizima, vyaravugishijwe muri iki gihe yuko vyoshitse. Imana yaravuze kovyoshitse. Bitegerezwa gushika. Ntuzigera ubikora mu gisirikare urimwo ubu. Urikourizingira ubwawe, Pentekoti, hamwe n'ayo madini yandi asigaye asigaye, kulikatabakarigira nemera.

90 O bantub'Imana, iyo Nkota irihe? Umwami wacuyipfuza amazi apfutse. Sinezwe nimba ari ukubaho canke ugupfa, reka dutoboremuri iki kintu. Biragoye cane guhagarara wenyene. Ndahamagarira abagaboguhagarara iruhande rwanje, guhagararana n'Ijambo! Ivyo iryo Jambo rivuga, bikoregusa nk'uko Ijambo ryabivuze. Ntaco bitwaye ico ikindi kintu cose kivuga,rigumeko uko, kuko ico arico kintu conyene

kizotobora. Reka tuje i Betelehemu,Amazi nyakuri yImana.

" Umuntu agumye muri jewe nanje nkaguma muri we, nimwaguma muri jewe n'Amajamboyanje akaguma muri mwebwe." Kugumaho, atari ugutaragurika gusa uva aha ujaahandi, no guhinduranya ikarata yawe y'ubunywanyi uva mubanyabumwe uja mubanyabubiri n'abanyabutatu, hanyuma ugasubira mu ba Peresipiteriyano, Abaluteri."Muguma muri jewe," Kandi We ni Ijambo, "Amajambo yanje agume muri mwebwe! Ntimutinyeamajana umunani canke imiliyoni munani. Nzohagarara ku ruhande rwawe. Ndashakakongera kunywa kuri iryo Riba. "

91 Imana igiye kugira abantu bazonywa kuri iryo Riba! Haleluya! Murashoborakwibaza ko ndi umusazi, kandibirashoboka ko ndi we, aho rero ndi umusazi ku bwa Yesu kristo n'Ijambo ryiwe.Nimba notegerezwa kwitwa umusazi, reka nitwe umusazi kubw'Ijambo ryiwe. Sinigezendwanya abantu muri ayo madini. Ndwanya iyo mikorere izibira Ijambo ry'Imanango ntiryinjire. Reka dutobore, barwanyi. Hagarara ku ruhande rwacu. Reka tujemuri iryo Riba. Ni We Betelehemu yacu.

Aya mariba ya kera, bwa Bumwe bw'Amashengero bw'Isi buriko buritunganya ubu. Rekatugarukane Ijambo rishasha ry'Imana, atari idini. Reka ntidufate imyizerere,iyo ni amariba yakera yaboze yaguye hashize imyaka mirongo ine, hashize imyakamirongo ibiri, imyaka mirongo itatu ishize, canke kumbure mu mwaka uheze. NshakaIjambo ry'Imana ryasezeranywe uyu munsi. Nico kinyobwa ashaka ko ngira, iriJambo uyu munsi! Ni Betelehemu ntoya, yaranswe.

92 Ni, Ndabizi, ni nkaho, muribaza ngo, "Ego, nimba intuze yanje…" Ego, nivyo,bibaza ko yategerezwa kuvukira i Yerusalemu. Bibaza yuko yategerezwa kuvukiraaho imitwe y'amadini yabo yari iri. Ariko yarahinduye ivyo vyose. Yaje kw'izinarya Betelehemu, kuko ico arico yari ari. Haleluya! Ntariko aza kuri Metodiste,Batiste, Peresipiteriyano canke ku Bapentekoti. Aje ku Mugeni, Yesu Kristo. Uwoni we ajeko. Birashoboka ko bidasanzwe kuri wewe, ariko vyizere!

93 Murabona ibi bigereranyo? Ntibashobora kuza mu bundi buryo uretse Ijambo. Ahoniho hantu honyene yashobora kuvukira, ni ngaho i Betelehemu. Nico gituma hategerezwakuba aho hantu hato haciye bugufi. Ni ko bitegerezwa kuba no muri iki gitondo,bitegerezwa kumera uko nyene n'Ijambo ryasezeranywe. Ego, mushingantahe. Ubumwebw'Amashengero y'Igifilisitiya iriko iritegura, ishira ibirindiro ahantu hoseirya n'ino ya Betelehemu yacu. Hirya no hino y'iyi Noheri, bashizehoibirindiro, ahantu hose, vyose birasharijwe n'ibisayangana vy'isi. "Oh,tuzozana amahoro kw'isi." Papa Luther, Yohani, canke izina ryiwe iryo ari ryoryose, azahuriza hamwe, hamwe n'abepisikopi bose bakomeye b'iryo shengero,Inama Yunze Ubumwe y'Amashengero n'Inama Nkuru y'isi bose bazoja hamwe. Nigutebabiri bashobora kujana batumvikana? Amen!

Hariho Umwe gusa ushobora kugendana na We, uwo nawe ni Yesu Kristo. Ni—ni gute ushobora kugendanana We? Iyo wemeye ico Ari, Ijambo! Ntureke ngo ivyo bigusige.

94 Sinezwe ibisayangana bafise uko bingana, "Utegerezwa gukoraibi atari uko tuzokwugara ishengero ryawe urimwo." Sinezwe ivyo bokugara vyose, kandi ataho bihuriye n'Ijambo.Ego, mushingantahe. Muriko muja he? Neza na neza ivyo Ijambo ryavuze ko mukora,kwisubirira inyuma, bose bambaye ibikayangana vy'isi, hamwe n'ubwoko bwosebw'amasezerano y'isi, ariko vyama biri kure y'Ijambo ibilometero imiliyoni.Ng'ivyo ngaha uno munsi, Noheri kandi, kugira ngo bitugumize kure y'isezerano ry'Ijambo.Ariko rizoshika. Imana irashoboye muri aya mabuye guhagurutsa abana ba Aburahamu.Ah, kugerageza kugumiza ababa i Betelehemu nyabo b'ukuri, kure y'UbugingoBudashira, iyo niyo ntego yabo.

95 Haguruka, yemwe bahungu n'abarwanyi, reka dtumene dusubire i Betelehemu yacu y'inkomoko!Mwibuke igihe Dawidi yashika ku ntebe yiwe y'ubwami. Abo bagabo bahagazeiruhande yiwe kuko yari azi, bari bazi ko yariko araja ku ngoma. Bari bazi yukoDawidi yari kuba ku ntebe y'ubwami, nubwo yankwa bingana iki. Niwe yari impunzicane mu gihugu. Kandi niko n'ijambo ry'ukuri ry'Imana riri, muri iki gitondo,Ni ingenzi ku madini. Raba ivyo bakoze. Ivyo biravyerekana neza imbere yanyu.

Abantu bagerageza kuvuga bati: "Mwene Data Branham, uriko urahondaishengero." Jewe mponda imikorere. Ishengero ni Yesu Kristo, si imikorere.

96 Uyu munsi, raba ivyo bakoze, raba ivyo bariko barakora. Kandi murashoborakubona ivyo bariko barakora, bariko baragerageza kubuza abantu Ivyo. Barikobararushiriza gushira ibirindiro vyinshi hirya no hino ya rya Riba. Kugirangobakore ibishoboka vyose ntihagire umuntu arinywako. Ariko, O barwanyi b'Imana,nizera yuko Yesu Kristo azoza umunsi umwe mu bwiza, ndizera ko azoza akicara kuntebe ya Se Dawidi. Nubwo ari impunzi, Ijambo ryiwe muri iki gitondo, ryanswen'abantu biwe nk'uko vyagenze kuri Dawidi, amadini yanse Ijambo ryiwe,barishibuye, mu gihe Imana ije ikemeza Ijambo ryayo ryera. Ntumbwire! Mu myaka,mu gihugu cose, babandanya barushiriza kuja kure, kure yaryo umwanya wose.

97 Naravuze ejobundi, ku vyerekeye Jacqueline Kennedy, ni kangahe nabakariyemwebwe bagore ku kuba mwarimosheje umushatsi, kwisiga amarangi, mwebwe bagoreb'Abapentekoti mwimwesha umushatsi, ivyo Imana yavuze ko ari… u—u—uba urikourigira ubwawe i—imaraya yo mw'ibarabara iyo ubikoze. Kandi,

nk'uko Imanaibivuga, umugabo wawe nta burenganzira aba agifise bwo kubana nawe ukundi.Umugore amwa umushatsi, aba ateje isoni umutwe wiwe, ariwe mugabo wiwe. Nivyo.Ndabivugako iki? Kandi muranterefona kuri vyo, nkaronka amakete, "Wewe wamutama we." Ni vyiza, Eliyabaramwise uko nyene. Barise Ijambo ryose ry'Imana, igihe cose Ijambo ryakozwe,baryita…

98 Ejo bundi umuntu umwe yavuze ati: "Kuki, turizera yuko uri umuvugishwa."

Ivyo ntavyo ndigera mvuga, ntaco nobivugako. Jewe si ndi umuvugishwa, ndiumukozi w'Imana gusa hano ngerageza kubabwira Ukuri. Nta kindi. Reka ndababwire,Ijambo ry'Imana rirabishigikira! Yavuze ati: "Abakobwa b'i Siyoni, ishamiryacitse wa munsi ryandura ryose, rizoba iry'ubwiza imbere y'Umwami." Toboramurengane, bagore, murafise ahantu hanyu ho gutobora no kurengana, isi yaHollywood y'isi n'amareresi, hamwe n'ivyo bintu vyose vya tereviziyo mugeragezakwigana mu nyuma, mwambara impuzu z'urukozasoni mw'ibarabara.

Umuntu umwe yavuze ati: "Kuki, abantu bashaka ko ubigisha uko baronkaMpwemu Yera n'uburyo bwo kuronka…"

Wovuga ko waronse Mpwemu Yera, hanyuma ugahakana Ijambo? Ubuzima bwawe bwiteburerekana ko atawe waronse. Murabona? Rero, sindakaye, ndiko ndababwira gusaUkuri. Niwirabe ubwawe hanyuma umenye. Paulo yavuze ati: "Naho yoba umumalayikaavuye mw'Ijuru akaza yigisha ibindi, arakavumwa." Ab'I Galatiya 1: 8. Ukoni ukuri.

99 Gute hamwe Jacqueline Kennedy… Yarashizeho umuvuduko w'abagore hamwe n'iyimideri yose yo kumwa imishatsi agacube hamwe n'ivyo bintu vyose bafise, izompuzu zose z'urukozasoni, kandi nk'impuzu z'aba mama n'ibindi. Umugore wese mugihugu ashaka kuzambara, na mwebwe Bapentekoti nyene. Rabe, Jacqueline Kennedyntiyigeze yumva Ubutumwa nk'ubu. Iyo aza kuba yarabwumvise, arashobora kubayarihanye kera. Ariko mwebwe bagore b'Abapentekoti murabwumva, uko bukeye ukobwije, umwaka ugatangura uwundi ugataha, ariko n'ubu ntaco mubikorako! Haleluya!Imana igiye kuruha umunsi umwe mur'iyi minsi! Imana izoruha. Ni vyiza, ndazi yukomwibaza ko nasaze. Bandanya, ni vyiza. Biyumviriye uko kuva kera mu bihe vyosemu gihe Ijambo… Murabona?

100 O barwanyi, sokora iyo Nkota, reka duhararire ikintu cose iyo Nkotaihagarariye! Reka dushike kuri iryo Riba ahari Isoko yuzuye Amaraso, yakuwe mumitsi ya Imanweli. Atari Umuyuda. Imitsi ya Imanweli, Imana hamwe natwe, ahoabanyavyaha bibijwe munsi y'umwuzure batakaza amarabaga yabo yose.

"Hazova Uwuganza i Betelehemu niwe azoganza ubwoko bwanje." Mpwemu Yera uyumusi niwe aganza abantu, kandi Mpwemu Year ni Ijambo. Mbega uko ni ukuri? Uburero, mu gusozera, mu cubahiro. Aganza abantu. Ntaco bitwaye uko wiyumvira; fatanyan'Ijambo. Utabikoze, Mpwemu Yera ntawuhari; niwe wishingira intahe ubwawe, ukowovuga kose. Urashobora gusimbagurika, ukavuga mu ndimi, kandi ukiruka hose, igiheugifise umushatsi umoye no gukora ibintu ukora; birakwagiriza, yuko atarikobiri.

101 Ababa i Betelehemu, Imana ibahezagire, reka ducemwo turengane! Kristo ashakaIshengero nyaryo. Ashaka Umugeni. Reka dutobore inzira yo kurengana. Sohokamuve hano, kuraho iyi myizerere, kugira ngo abanywi nyakuri bongere bagarukemaze baronke ikinyobwa nyaco, Amazi apfutse ya Kipentekoti yatemvye igihe kimweavuye kuri iryo Riba rinini. Aracatemba. Mbega ntiwoza uyu munsi kandi ngo uvyizeren'umutima wawe wose, mu gihe twunamitse imitwe yacu akanya gato.

Mfise ibintu vyinshi hano nategerezwa kuvugako. Umwanyantiwobitwemerera, ubu ni sa tanu zuzuye. Ndibaza abarwanyi bari ngaha ukobangana, mwebwe bakozi b'Imana, Abametodiste, Ababatista, Peresipiteriyano,padiri w'Umukatolika, ico woba uri cose, wanyuzwe? Ndazi yuko ntari indongoziy'idini. Ndashobora kuba navuye mu bugaragwa, mfise iki cakaswe, kirya na kiriya, ariko Iri ni Ijambo. Kandi murizeye ko arivyo, kandi murizeye ko ari Ijambo, iyo niyo Betelehemu. Yesu yavuze ati:"Umuntu ntazobeshwaho n'umutsima gusa; Ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana. "Kandi Ijambo riri hano, Bibiliya. Umuntu azobeshwaho na Yo, kandi ni We iryo Jambo.

102 O murwanyi,mbega ntiwosokora Inkota y'Imana ukavuga uti: "Ndasezeye ivy'iyi migenzo,ngarutse kw' Ijambo, ngarutse mu Kuri"? Bagore, bagabo! Bagore, mbegantimumaramara ubwanyu, ukuntu mwakoze? Murashaka muri iki gitondo, kuri iyiNoheri, kugaruka no kwerekana Yesu Kristo nyawe?

Rero imitweyanyu yunamye kandi amaso yose ahumirijwe, woduza ukuboko, ukavuga uti:"Nnsengera, mwene Data Branham. Mu vy'ukuri ndashaka kubikora mu mutima wanje.Ndi, ndavyizera "? Imana iguhezagire. Bagenzi, abakozi b'Imana, abagore, ahantuhose!

103 I Betelehemu,Betelehemu, ahantu h'Umukate n'Amazi y'Imana, Kristo Betelehemu yacu ininahaye.Tuyinjiramwo dute? 1 Ab'i Korinto15, "Muri Mpwemu umwe niho twese twabatijwe mumubiri banga wa Yesu Kristo."

DufunguraIjambo ryiwe, ntakindi, Inrya z'intama gusa! Ijambo! Nta kindi. Ntushobora gushiramwoimyizerere, ntitwovyumviriza. Oya, mushingantahe. Muragenda mukavuga, ngo "Kuki, ibi

bimeze uku." Nimba Bibiliya ivuga ko bimeze Uku, Ubwo ni bwo buryo tubishakamwo. Ntitubishaka birunze.Tubishaka uko nyene bimeze.

104 Mana, Data,uyu munsi haracariho imitima ishonje ikiri kw'isi. Kubera iki Betelehemu ntoya?Mu buryo bwanje bw'umuntu atize, Mwami, nagerageje kureka uwu mugwi muto…unkunda, ndazi ko bankunda, Mwami. Kandi nanje ndabakunda. Kandi ndabakundacane kugeza, Mwami, y'aho nda—ndabafitiye ishaka. Sinshaka kubabona bivanganijemuri ibi bintu bihambaye, no gucibwa muri ico gihe igihe camaze kurenga cane,nkabona iyo mishaha hariya hakurya mw'ibohero, kandi bagaca bamenya ko igihe kimwebari bafise amahirwe.

Mwami Mana,uyu munsi, ntaco bitwaye uko Yerusalemu ihambaye yiyumvira, n'ico i Gileyadi naRamoti-Gileyadi n'ikindi cose, na Shilo, n'ivyo bibanza bihambaye vyogusengeramwo, aho bari hose. HarihoBetelehemu. "Mbega nturi muto muri bose? Ariko muri wewe! " Hanze ya Metodiste,Batiste, Peresipiteri; Katolika, umugwa mukuru uhambaye; na Ramoti-Gileyadi,aho Luther yarwaniye; ha—hamwe na—na Shilo, aho kumbure Wesley yarwaniye; ha—hamwen'ahandi henshi. Ariko, Mwami, Mwami, Warahugurukije umugwi wa Pentekoti, kandinimba batahindukiye neza na neza bagakora nka vya bindi nyene!

105 Yesu w'i Nazareti, ndagusavye, Mwami, ngo ureke abarwanyi, ngo bave muri iyomyizerere yose hiyo inyuma, bahaguruke mw'Izina ryawe, batobore bace muri iyomyizerere yose hanyuma bagaruke kw'Ijambo ry'ukuri, ritanduye, bashize kuruhande uburemere bwose bubizingirako mu buryo bworoshe, bashire ku ruhande,buri saha baba bari iyo hanze bamanuka busazi hirya no hino bageragezakurondera abanywanyi b'idini. Mwami Mana, reka bagaruke ku kurondera abizeraYesu Kristo; atari ugushira hejuru idini iryo aririyo ryose canke umuntu uwo ariwe wese, ariko Yesu Kristo, We wenyene.

Yari Dawidi abo bagabo barwanira. Ni ku bwa Dawidi bashize ubuzima bwabomw'irinde. Kandi abo barwanyi b'inkomezi, badatinya, biciriye inzira aho nyene,kuko cari icipfuzo ciwe. Cari icifuzo ciwe co kunywa kuri iryo riba.

Mwami Mana, birashoboka ko tutavyumva, wa mukwego gusa, ariko, raba, ni icifuzocawe ko ibi bintu bikorwa. Nk'uko wabwiye Yohana, uti: "Nuko, biratwerekeye,canke birabereye, ko dushitsa ukugororoka kwose."

Biratubereye, nk'abakozi b'Imana muri iki gihe, kubona yuko iri Jamboryamamajwe, kubona yuko ryakozwe. Biratubereye, umuntu w'iyi saha turimwo.Abantu bakomeye kw'isi uyu munsi, O Mana, bari hariya hanze, reka babibone mazebafate Inkota! Uko ibiturwanya vyongana kwose, nimba Imana iri ku ruhande rwawe,ninde ushobora kukurwanya? Ntaco bidutwaye, gushira mw'irinde ukubaho kwacu kwomu mibereho. Ntaco bidutwaye gushira mw'irinde iki, kirya, na kiriya. Dushaka kongera kuronka Amaziy'Ubugingo!

106 Reka tuje i Betelehemu, Mwami, reka buri wese muri bo. Reka abo bagore bose,ko, vy'ukuri, nibaduza ukuboko, bakozwe n'isoni. Reka bamenye yuko aba bagabobazomera nk'umushingantahe Kennedy umwe mur'iyi minsi. Ba—bazomera nk'abo bandibagabo bose, bategerezwa gupfa. Aba bagore bariko barapfa. Ndiko ndapfa. Tweseturiko turasha hano kw'isi, kandi turazi yuko mu gihe gito, dusigaje iminsimike cane. Kandi, Mana, aho kugerageza kubaka imikorere ihambaye, Mwami, rekaabagabo n'abagore babone muri iki gitondo ukuza kw'Umwami.

O Mana, ukuza k'uwo Mwami ahambaye, Yesu! Kandi bi… Kandi turabona, Mana, ko burimuntu muri abo bantu basokoye iyo nkota kandi bakarwanira Dawidi igihe yariimpunzi, amaze kugera ku butegetsi, yabagize abaganza ibisagara. Umwe wese muribo yari afise ibisagara. Kandi wasezeranije ko muri Bibiliya, yuko tuzogiraibisagara. O Mana, nk'Abanyamahanga, bari abaragwa biciye mu Banyamahanga,kugira ngo dusangire ukwera no kugororoka kwayo! Reka uyu munsi, Mwami, nk'abagabob'abarwanyi, dufate iryo Jambo, tuzi ko, abahagarara ku ruhande rwiwe muri ikigihe, bazoba abaganza ibisagara. Atari uko dushaka kuba abaganza, ariko dushakakuba abasavyi bawe, Mwami. O Mana, turabona iyerekwa ry'izi nkehwa ziri kurushi, uwu mugwi muto, iki nico bita "akaguma" muri… Paulo yavuze mugihe ciwe, ati: "Mu buryo bamwe bitwa, 'akadumbidumbi'" umusazi. Ahoniho nshaka kurwanira, Mwami. Ijambo ryawe ni Ukuri! Kandi nawe uri Ijambo, wawundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose.

107 O Mana, udusige amavuta n'Ijambo ryawe, kandi ushitse Ijambo ryawe ryasezeranyweuyu munsi. Reka tuve muri iyi nyubako muri iki gitondo nk'ibikoreshobikayangana vy'Imana. Reka tujane n'Inkota, Irabagirana mu kirere, kugira ngoducagagure uburemere bwose n'ibindi vyose, kugeza dushoboye kugarukana abantu kuriKristo, tukazanira Umwami wacu ikinyobwa gishasha gipfutse, aho kuba iyimyizerere yose yak era yaboze. Reka abantu banywe kw'Isoko, n'Imigisha nyayo,ipfutse, ihembura ya Pentekoti, kugira ngo bishobore guhezagira umutima wiWekandi vyongere bimugarukane hagati yacu kandi. Biduhe, Mwami. Mw'izina ryaYesu, niho mbisavye.

108 Mugihe twunamitse imitwe, nimba uwuvuza piyano canke inanga, canke ico arico cose,yoja ku nanga, piyano, nshaka ko mu bwiyoroshi turirimba iyi, "Hari isokoyuzuye amaraso, yakuwe mu mitsi ya

Imanweli; iyo abanyavyaha bayozemwo… ”Umunyavyaha, umunyavyaha ni iki? Uwutizera. “Abatizera bayozemwo.” Kutizeraiki? Ijambo. Oh, abo Bayuda ntibashaka kwemera yuko bari abatizera, biyumvirako bakijijwe, ariko Imana yari izi ko bakeneye Umukiza. Bariko barasengeraumurwanyi, Imana ibaha Uruhinja, Umukiza. Yari izi ico bakeneye. Ng'akoAkaganuke kabo ka Noheri. Nico ukeneye uyu munsi, nico nkeneye uyu munsi,Umukiza kubwo ukutizera kwanje, Umukiza kubw'ukutizera kwawe. Mu giheturirimba, reka tubisengere gusa mu mitima yacu. Senga gusa ubikuye ku mutima, ndabibasavye,shengero.

Harihoisoko yuzuye amaraso,

Yakuwemu mitsi ya Imanweli,

Kandiabanyavyaha (abatizera) bogamwo (atari umunywanyi w'ishengero, ubu) bogamwo… (ahoniho abanywanyi b'ishengero boga)

Bakeraderere.

Bakeraderere,

Bakeraderere;

Kandiumunyabyaha…

109 Mwami Yesu, ndasavye kano kanya ko utwakira. Ndishize hano nyene hamwe n'uwumugwi, Mwami. Kura ukutizera kwose, Mwami, muri jewe. Reka mpfe, Mwami, nk'ukoSamusoni yasemereye, ati reka mpfane n'aba Bafilisitiya. Reka nkore ibishobokavyose kugira ngo nkore, ariko, Mana, eza umushaha wanje. Kuraho ugukekeranyakwose. Nimba hari ikintu na kimwe muri iri jambo ntizera, Mwami, kandi nimba -nimba ata kintu hano wasezeranye, ntashobora kubona ubuzima bwanje bwemeza iryoJambo uyu munsi, rero, Mwami, umbabarire. Mbabarira, Mwami.

Mpa ubutwari. O Mwami, nkeneye ubutwaribwo gutobora iki kintu, gutobora iki gihome, kuko nzi ko ari co cifuzo cawe.Warabivuze, vyotegerejwe kuba muri iki gihe, “Nk'uko vyari bimeze mu gihe caSodomu, ni ko bizoba no mu gihe co kuza kw'Umwana w'umuntu.” Turabona iyi ntambwe yanyuma, ikikimenyetso ca nyuma cahawe ishengero. Nico cari ikimenyetso ca nyuma ca rwaruvyaro rusanzwe rwa Aburahamu rwabonye imbere yuko umuriro uturira isi y'Abanyamahanga.Ni nako ari ikimenyetso ca nyuma rwa Ruvyaro rwiwe rwa Cami ruzobona imbereyuko umuriro uturira isi y'Abanyamahanga. Wewe… Mwami, reka babona yuko aricogituma neza na neza Yesu yategerezwa kuvukira i Betelehemu. Ni Ijambo ryawe. Niisezerano ryawe. Bahezagire ubu, Data. Ndabaguhaye, nk'imunyago yawe. Kandireka twese, hamwe, Mwami, dukwege Ijambo uyu munsi, maze dutere imbere mw'Izinarya Yesu. Amen.

110 Imana ibahezagire. Murakunda Umwami Yesu? Murizera yuko uku ari Ukuri? Kirizaamaboko yanyu nimba mwizera ko ari Ukuri. Murakoze, bagenzi. Rabe, Ndi… Ndakekako bahagaritse bande. Murabona, mu kuvuga hano, sindiko mvugana namwe gusa. Iyobande irazunguruka isi yose, kandi abagabo n'abagore kw'isi yosebaravyumviriza. Turava mw'ihanga tuja mu rindi no mu rindi, baragira gusa, baricarangaho n'utunyamajwi mu matwi yabo, ka—kandi Ivyo tubwira abantu amajanan'amajana kw'isi yose.

111 Kandi mumenye, yuko atari… Rero, mwa bagore mwe, sinshaka kubabaza ivyiyumvo vyanyuiyo mbabwiye ibi bintu. Ariko nimba umwungere wawe atabikubwira, hariho ikintukitagenda neza kuri we. Nta—nta gushira amanga afise kwo kubikora. Yihishijeinyuma y'idini. Canke ameze nka Loti, yicaye hariya, imbere yuko umuriroutibuka, nti—ntiyari afise gusa i—ibintuvy'ukuri bisabwa kugira ngo ahagarare hariya. Ya… Bibiliya yavuze ko, “Ivyahavy'i Sodomu vyatuntuza umutima wiwe ugororoka uko bukeye uko bwije.” Umushahawiwe wari uzi vyiza kurusha ivyo, ariko ntiyari afise ikintu gifadika vyasabakugira ngo ahagarare hariya no kuvyiyamiriza. Kandi umwungere atabwira umugoreko ari bibi kumwa umushatsi, haba hari ikitagenda neza kuri uwo mugabo, nokwambara iyo myambaro.

112 Kandi namwe bagabo, mwa bagabo mwemerera abagore banyu gukora ibintu nk'ivyo,mufise ingorane ki ? Mufise ingorane ki? Kujana umugore wawe hirya no hino mugisagara nk'imaraya yo mw'ibarabara, hanyuma mugakubita urushi ku munwa umuntu kanakaiyo amututse. Niwewe ukwiye gukubitwa urushi ku munwa. Uko ni ukuri, kandiImana izobikora umunsi umwe. Ni vyo. Tukeneye gusubira kuri iri Jambo.

Si ivyo gusa, ico ni gito, ikintu gito. Ariko nigute uzoronka ibintu binini nimbawanse utuntu dutoduto? Nigute ushobora kwiga alijebure [Ibiharuro bikoresha indome—Umus.] nimbautazi ABC? Ntushobora guharura kugeza kw'icumi, nigute uzomenya ibiharuro vyawe?Utegerezwa guhera hasi. Uriko ugerageza guhera hejuru, manuka hano maze utangureneza.

Iki nico gihe co kubikora, ubu, Noheri. Ryari ivuka rya Kristo, reka Kristoavukire muri twebwe. Kristo ni iki? Kristo ni Ijambo. Ni bangahe babizi? “Ubwambere na mbere Jambo yariho, kandi Jambo yahoranye n'Imana, kandi uwo Jamboyari Imana.”

113 Umuntu umwe yaravuze ejobundi, ati: “Mwene Data Branham, wewe, abantu baziyuko uri umuntu yanka abagore.” Si ndi we. Si ndi we. Ndafise urukundonyarwo kuri bashikanje. Abagabo bamwe

bazohindukira, bibaza yuko usa nezan'amarangi atukura ku maso n'amarangi y'icatsi kibisi, n'umushatsi umoye, uwomugabo afise iciyumviro gitandukanye n'ico mfise. Intuze yawe… ndakunda uwomushaha uri muri wewe, utegerezwa guhura n'Imana. Ico nico ndiko… mushikanjekubw'Ibihe bidashira, nta bintu bito vy'urukozasoni vyo ngaha kw'isi bizo…

114 Umuntu umwe yavuze ejobundi, ati: “Muvandimwe Branham, wowe, abantu uzi kouri umugore wanga.” Ntabwo ndi. Ntabwo ndi. Nabonye urukundo nyarwo kuribashiki banjye. Abagabo bamwe bazahindukira, batekereza ko usa neza n'amasoatukura n'amaso y'icyatsi, n'umusatsi wijimye, uriya mugabo yabonye igitekerezogitandukanye nicyo nagira. Wowe… Nkunda ubwo bugingo buri muri wewe, bugombaguhura n'Imana. Nibyo ndimo… mushiki wanjye ubuziraherezo, ntabwo ari ikintugito cyimibonano mpuzabitsina hano ku isi…

115 Ni bangahe bigeze gusoma kugabanuka, kugwa kwa Roma? Nta nkeka. Raba hariya,nka ca kintu nyene turiko turakora, gukwegera mu vy'igitsina. Urwaruka ukorumeze, neza na neza uko tumeze ubu, ibibazo vy'amoko. N'urwaruka rufataubutegetsi, n'abagabo n'imibonano mpuzabitsina. Neza na neza nk'uko Ingomay'Abaroma yahanguye, hashize imyaka cumi n'umunani, kandi none ng'ibivyagarutse mu Banyamahanga. Murabona? Urwijiji mu madini n'ibindi. Oh, mbegaisaha tubayemwo!

[Mushikiwacuumwe atanze ubutumwa. Agace katavuga kuri bande—Umw.] Amen. Umwami Imanayavuze. Ndavyizera.

Ubu rero reka duhaguruke. Iyo avuze, ni umwanya kuri twebwe y'aho twubaha. [Umuntu umwe arikoavugana na mwene Data Branham—Umw.] (Uvuzeute?)

Kubw'ubuntubw'Imana, no kubw'ubufasha bw'Imana, simfise ishaka rirenze kuruta iryo namyemfise, guhagararira iri Jambo no kugerageza uko nshoboye, kubw'ubufashabw'Imana, kongera guca inzira ija i Betelehemu, aho ababa i Betelehemubashobora kunywa kuri iyo Soko. Ni bangahe bazofatanya nanje, amaboko yanyuadugijwe hejuru, muvuge muti: “Ndasezeraniye Imana ko nzobikora”?Imana ibahezagire.

Ubu rero nimwunamike imitwe akanya gato, kandi ndizera yuko mwene Data umwe hano,mwene Data Jeffries, ngw'ino hano. Agiye guheraheza ikoraniro mu gihetwunamitse imitwe yacu mu masengesho, nimba mubigomba. Neza cane, mwene Data.

MESSAGE hub online
www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7